REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**LOI N°1/ 01 DU 17 JANVIER 2022 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/17 DU 31 DECEMBRE 2010 PORTANT STATUT DES SOUS-OFFICIERS DE LA POLICE NATIONALE DU BURUNDI**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/27 du 9 décembre 2021 portant Modification de la loi Organique n°1/03 du 20 février 2017 portant Missions, Organisation, Composition et Fonctionnement de la Police Nationale du Burundi ;

Vu la Loi n°1/011 du 29 novembre 2002 portant Réorganisation des Régimes des Pensions et des Risques Professionnels ;

Vu la Loi n°1/08 du 17 mars 2005 portant Code de l'Organisation et de la Compétence Judiciaires ;

Vu la Loi n°1/28 du 23 août 2006 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Vu la Loi n°1/15 du 29 juin 2012 portant Organisation Générale des Ordres Nationaux, des Décorations et des Titres Honorifiques ;

Vu la Loi n°1/27 du 29 décembre 2017 portant Révision du Code Pénal ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**IBWIRIZWA INOMERO 1/ 01 RYO KU 17 WA NZERO 2022 RISHINGA AMATEGEKO AGENGA IBISONGEREZI VY'INTWAZANGABO MU GIPOLISI C'UBURUNDI**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/27 ryo ku wa 9 Kigarama 2021 rihindura Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga imirimo y'Igiporisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/011 ryo ku wa 29 Munyonyo 2002 risubiramwo itunganywa ry'amategeko yerekeye impamba itegekanirizwa abakozi bakukuruka hamwe n'ukubateganiriza impanuka z'akazi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 rishinga Igitabu c'amategeko aringaniza inzego z'ubutungane n'ububasha bwazo ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 Myandagaro 2006 rishinga amategeko agenga abakozi ba Leta ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/15 ryo ku wa 29 Ruheshi 2012 ritunganya ivyerekeye ibidari vy'iteka n'ibindi bimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/27 ryo ku wa 29 Kigarama 2017 risubiramwo Igitabu c'amategeko mpanavyaha ;

| | |
|---|---|
| Vu la Loi n°1/09 du 11 mai 2018 portant Modification du Code de Procédure Pénale ; | Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 rihindura Igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ; |
| Vu la Loi n°1/12 du 12 mai 2020 portant Code de la Protection Sociale au Burundi ; | Yihweje ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 rishinga Igitabu c'amategeko yerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi ; |
| Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n°1/037 du 7 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail du Burundi ; | Yihweje ibwirizwa inomero 1/11 ryo kuwa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo itegeko-bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 mukakaro 1993 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi ; |
| Revu la Loi n°1/17 du 31 décembre 2010 portant Statut des Brigadiers de la Police Nationale du Burundi ; | Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/17 ryo ku wa 31 Kigarama 2010 rishinga amategeko agenga Ababirigadiye bo mu Giporisi c'Uburundi ; |
| Le Conseil des Ministres ayant délibéré ; | Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino; |
| L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ; | Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ; |
| **PROMULGUE :** | **ATANGAJE :** |
| CHAPITRE I: DES DISPOSITIONS GENERALES | IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO |
| **Article 1 :** La présente loi a pour objet de fixer le statut des sous-officiers de la Police Nationale du Burundi. | **Ingingo ya 1 :** Iri bwirizwa rishinga amategeko ngenderwako agenga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi c'Uburundi. |
| Elle détermine les conditions générales de recrutement, les droits, les devoirs et les incompatibilités, les traitements, les primes, les indemnités et les avantages divers, la notation, les grades et avancements, la carrière, les récompenses, la sécurité sociale ainsi que le régime disciplinaire des sous-officiers de police. | Iri bwirizwa riratomora ibisabwa kugira umuntu yinjizwe mu Bisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi, ivyo Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bafitiye uburenganzira, ivyo bategerejwe n'ivyo atabangikanya n'amabanga bajejwe, ivyerekeye imishahara, udushirukabute, uturusho dutandukanye, ingene amanota atangwa, amapete n'ingene baja baraduzwa amapete, ibijanye n'ugutera imbere mu mwuga, ubushimwe, ugutegekaniriza kazoza, hamwe n'amategeko agenga ibijanye n'inyifato mu kazi. |

**Article 2 :**
La qualité de sous-officier de police exige en toutes circonstances la discipline, la disponibilité, la loyauté, la neutralité et l'esprit d'abnégation pouvant aller jusqu'au sacrifice suprême. Les devoirs qu'elle comporte et les sujétions qu'elle implique, méritent le respect des citoyens et la considération de la nation.

**Ingingo ya 2 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arangwa na ntaryo no kwama agendera ku mategeko y' umwuga, agavye, ayoboka abamutwara, atagira aho ahengamiye akongera akitangira igihugu gushika naho acigura. Hafatiwe ku bikorwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi asabwa, ingene yitanga, akwiye guhabwa icubahiro n'abenegihugu n' uguterwa iteka n'igihugu.

**Article 3 :**
La présente loi assure à ceux qui ont choisi cette qualité les garanties répondant aux obligations particulières imposées par le métier de Police. Elle comprend des compensations aux contraintes et exigences de la vie du sous-officier de police.

Elle offre à ceux qui quittent la carrière de police des moyens d'un retour à la vie civile et assure au retraité le maintien d'un lien avec l'institution.

**Ingingo ya 3 :**
Iri bwirizwa riraha Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi uturusho tubatera intege mw'irangurwa ry'ivyo bategerejwe bidasanzwe bijanye n'umwuga w'Igiporisi. Rirategekanya uturusho ku buremere bw'akazi Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bagira hamwe n'ivyo ubuzima bwabo busaba.

Iri bwirizwa riraregekaniriza kandi Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bakukurutse uburyo bwo gusubira mu buzima busanzwe rigashiraho uburyo butuma bagumana imigenderanire n'Igiporisi.

**Article 4 :**
Le sous-officier de police jouit de tous les droits et libertés reconnus aux citoyens. Toutefois, l'exercice de certains d'entre eux est soit interdit, soit restreint dans les conditions fixées par la présente loi.

**Ingingo ya 4 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi afise uburenganzira bwose n'ubwigenge abenegihugu bose bafise. Ariko, hariho uburenganzira canke ubwigenge bumwe muri bwo badahabwa canke bugabanywa hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa.

**Article 5 :**
Le sous-officier de police porte l'uniforme.

L'uniforme et les insignes distinctifs revêtus sont déterminés par voie réglementaire.

**Ingingo ya 5 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yambara umwambaro w'akazi umuranga.

Umwambaro n'ibimenyetso biranga Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bishingwa n'itegeko.

Article 6 :
Le sous-officier de police affecté à la Police Judiciaire acquiert la qualité d'Officier de Police Judiciaire à compétence générale.

Le sous-officier de police affecté dans une unité spécialisée a la qualité d'Officier de Police Judiciaire à compétence restreinte.

Ingingo ya 6 :
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arungitswe gukorera mu Giporisi c'inyamiramabi afise ububasha nk'ubw'inyamiramabi kuri vyose.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arungitswe gukorera mu mugwi wiharije ubuhinga kanaka afise ububasha bw'Inyamiramabi muri ivyo gusa.

| | |
|---|---|
| **CHAPITRE II : DES CONDITIONS DE RECRUTEMENT ET DU STAGE** | **IGICE CA II : IBISABWA KUGIRA UMUNTU YINJIZWE MU BISONGEREZI N'IVYEREKEYE UKWIMENYEREZA AKAZI** |
| **Section 1 : Des conditions de recrutement** | **Agace ka 1 : Ibisabwa kugira umuntu yinjizwe mu Bisongerezi** |
| **Article 7 :**<br>Pour être recruté candidat sous-officier de police, il faut : | **Ingingo ya 7 :**<br>Kugira umuntu yemererwe kwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi, ategerezwa kuba akwije ibi bikurikira : |
| a) être de nationalité burundaise ; | a) kuba afise ubwenegihugu bw'umurundi ; |
| b) ne pas avoir une double nationalité ; | b) kuba adafise ubwenegihugu bubiri ; |
| c) être célibataire et ne pas avoir d'enfant, le rester durant toute la durée de la formation et du stage et les trois premières années de service ; | c) kuba atarubaka kandi ata mwana afise, kuguma atubatse mu kiringo cose azoba akiriko arakurikirana inyigisho no mu kiringo cose c'ukwimenyereza akazi mu myaka itatu ya mbere y'akazi ; |
| d) être reconnu, par un médecin agréé par le gouvernement, apte à exercer la carrière de policier ; | d) kuba yarapimwe n'umuganga yemewe na Reta, akemeza ko ashoboye umwuga w'Igiporisi ; |
| e) justifier de bonne conduite, vie et mœurs ; | e) kuba yigenza neza mu buzima kandi afise imico myiza ; |
| f) n'avoir pas été condamné à une peine de servitude pénale ; | f) kuba atigeze acirwa igihano c'ugupfungwa ; |
| g) n'avoir pas été révoqué d'un emploi public ; | g) kuba atigeze yirukanwa mu kazi ka Reta ; |
| h) avoir réussi au moins la première année du cycle post-fondamental ; | h) kuba yaramenye n'imiburiburi umwaka wa mbere ahejeje amashure Shingiro ; |
| i) avoir un âge compris entre 18 et 25 ans ; | i) kuba afise imyaka itari munsi ya 18 canke ngo irenge 25 ; |
| j) avoir réussi les tests intellectuels et physiques ; | j) kuba yarashikanye amanota asabwa mu bibazo bisaba ubumenyi n'ivy'ukwinonora imitsi. |
| D'autres conditions de recrutements peuvent être précisées par voie réglementaire. | Ibindi bisabwa kugira umuntu yinjizwe mu Bisongerezi bitomorwa n'itegeko. |

Article 8 :
Le recrutement des candidats sous-officiers de police doit respecter le volontariat, la transparence, l'équilibre ethnique, la représentation provinciale et de genre nécessaire.

Ingingo ya 8 :
Abitegurira kuba Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi binjizwa hubahirijwe ugushaka kwabo, bikagirwa ku mugaragaro, hakitwararikwa ko ubwoko, intara n'ibitsina vyose biserukirwa ku rugero rukenewe.

Article 9 :
Le candidat sous-officier de police reçoit une formation initiale appropriée aux missions de la Police Nationale à l'Ecole des Sous-Officiers de Police ou dans d'autres institutions se trouvant au pays ou à l'étranger, reconnues par le ministère ayant la Police Nationale dans ses missions.

Ingingo ya 9 :
Uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi araronswa inyigisho z'intango zijanye n'imirimo y'Igiporisi zitangirwa mw'Ishure ry'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi canke mu yandi mashure yo mu gihugu canke yo mu mahanga yemewe n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

Article 10 :
Outre la formation initiale, le sous-officier de police bénéficie d'une formation continue, fonctionnelle, de promotion et de réinsertion.

Ingingo ya 10 :
Uretse inyigisho z'intango, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arahabwa inyigisho zija ziratangwa mu kazi, izijanye n'akazi kanaka, izihabwa abimirije kuduzwa mu kazi n'izijanye n'ukwibeshaho amaze gukukuruka.

Article 11 :
La formation continue est le prolongement de la formation de base du sous-officier de police au cours de la carrière avec l'objectif de se recycler et d'accroître ses connaissances, ses compétences et son savoir-faire. Elle est dispensée à tous les sous-officiers de police sans pour effet de changement de fonction ni de catégorie.

Ingingo ya 11 :
Inyigisho zija ziratangwa mu kazi ni izibandaniriza ku nyigisho z'intango Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aja araronka ari mu kazi mu ntumbero yo kunagura no kwongereza ubumenyi, ubushobozi bwiwe hamwe n'ubuhinga bwo gukora ibintu. Izo nyigisho zihabwa Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bose ata ntumbero y'uguhindura amabanga basanzwe bajejwe canke umugwi basanzwe barimwo.

Article12 :
La formation fonctionnelle est la formation consistant à doter certains membres du personnel des compétences professionnelles particulières afin qu'ils puissent être à mesure d'accomplir des missions spécialisées liées à l'exercice de leur nouvelle fonction et/ou d'assurer les tâches qui nécessitent une qualification particulière.

Ingingo ya 12 :
Inyigisho zijanye n'akazi ni inyigisho zituma baronka bamwe bamwe mu Bisongerezi vy'intwazangabo mu Gipolisi ubushobozi bujanye n'umwuga wabo kugira bashobore kurangura imirimo isaba ubuhinga kanaka yerekeye amabanga mashasha baba bagiye kurangura canke zigatuma bashobora gukora ibikorwa bisaba ko ivyo Bisongerezi baba bafise ubumenyi bujanye n'ako kazi.

Article 13 :
La formation de promotion est une formation professionnelle qui a pour but d'acquérir de nouvelles aptitudes et connaissances ou d'approfondir certaines dimensions de la fonction de police. Elle est dispensée à certains membres du personnel et la réussite à cette formation constitue une des conditions d'admission à une fonction supérieure.

Ingingo ya 13 :
Inyigisho zihabwa abimirije kuduzwa mu kazi ni inyigisho zijanye n'umwuga zituma Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi baronka ubundi bushobozi n'ubumenyi canke banonosora bimwe bimwe mu vyerekeye akazi k'Igiporisi. Izo nyigisho zihabwa bamwe bamwe mu Bisongerezi kandi ukuzironkamwo amanota meza ni kimwe mu bisabwa kugira bahabwe ayandi mabanga asumba ayo bari basanganywe.

Article 14 :
La formation de réinsertion est une formation qui aide le sous-officier de police à se préparer à une reconversion dans la vie civile.

Ingingo ya 14 :
Inyigisho z'ukwibeshaho ni inyigisho zifasha Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi kwitegurira gusubira mu buzima busanzwe.

Article 15 :
Par dérogation aux conditions prévues à l'article 7 de la présente loi, les Agents de la Police Nationale peuvent être élevés au rang des sous-officiers de police pour avoir suivi et réussi une formation pour sous-officier de police dans des conditions déterminées par le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions ou par mérite exceptionnelle.

L'initiative et l'appréciation de l'opportunité d'organiser cette formation appartiennent au Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Ingingo ya 15 :
Hirengagijwe ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 7 y'iri bwirizwa, Abaporisi batoyi barashobora gushirwa mu mugwi w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi bamaze gukurikirana inyigisho zituma baba Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bakaronka amanota ashimishije hisunzwe ibisabwa bitegekanijwe n'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi canke ico bamaze kidasanzwe.

Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi ni we abona ko bikenewe ko hatunganywa izo nyigisho n'izotangwa izo ari zo.

Article 16 :
Par dérogation aux conditions prévues à l'article 7 de la présente loi, un sous-officier de police peut être élevé à la catégorie d'Officier :

a) à la fin d'une formation de promotion organisée par le ministère ayant la Police Nationale dans ses missions ;

b) à l'issue d'une formation académique réussie préalablement autorisée par le ministère ayant la Police Nationale dans ses missions ;

c) par mérite exceptionnel dûment constaté et motivé par le ministère ayant la Police Nationale dans ses missions.

Ingingo ya 16 :
Hirengagijwe ibisabwa bitegekanijwe mu ngingo ya 7 y'iri bwirizwa, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arashobora gushirwa mu mugwi w'Intwazangabo z'Igiporisi :

a) amaze gukurikirana inyigisho zihabwa abimirije kuduzwa mu kazi zitunganywa n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi ;

b) amaze gukurikirana kandi akamenya inyigisho zo mu mashure kaminuza Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi bwabanje gutangira uruhusha ;

c) hari ico yamaze kidasanzwe bikemezwa kandi bigatangirwa imvo n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

## Section 2 : Du stage

Article 17 :
Il est prévu pour tout candidat sous-officier de police ayant réussi la formation, un stage de douze mois. Cette période est incluse dans la durée de formation.

## Agace ka 2 : Ukwimenyereza akazi

Ingingo ya 17 :
Haretegekanijwe inyigisho z'ukwimeyereza akazi zimara amezi icumi n'abiri ku witegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese yaronse amanota asabwa mu vyigwa. Ico kiringo c'ukwimenyereza akazi giharurwa mu kiringo inyigisho zimara.

**Article 18 :**
Au cas où le stage devient non concluant, le sous-officier de police stagiaire reprend une année de stage. S'il ne le réussit pas, il est renvoyé d'office par une décision du Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 18 :**
Mu gihe uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yaronse amanota adashimishije mu nyigisho z'ukwimenyereza akazi, aca asubiramwo izo nyigisho mu kiringo c'umwaka umwe. Iyo asubiye kuronka amanota adashimishije, aca yirukanwa biciye mu ngingo y'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

**Article 19 :**
En cas de stage concluant, le candidat sous-officier de police est nommé à titre définitif par une ordonnance du Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 19 :**
Mu gihe uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aronse amanota ashimishije mu nyigisho z'ukwimenyereza akazi, aca agenwa n'Itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi ngo abe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi .

## CHAPITRE III : DES DROITS, DES DEVOIRS ET DES INCOMPATIBILITES

## IGICE CA III : IVYO IGISONGEREZI C'INTWAZANGABO MU GIPOLISI AFITIYE UBURENGANZIRA, IVYO ATEGEREJWE N'IVYO ATABANGIKANYA N'AMABANGA AJEJWE

### Section 1 : Des droits

### Agace ka 1 : Ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi afitiye uburenganzira

**Article 20 :**
Tout sous-officier de police a droit à un traitement mensuel comprenant le salaire de base, les primes, les indemnités et les bonifications.

Il a en outre droit à l'alimentation à la cuisine collective, à l'habillement et à l'équipement de service conformément aux textes réglementaires en vigueur.

**Ingingo ya 20 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese arafise uburenganzira bwo kuronka umushahara ku kwezi ku kwezi ugizwe n'umushahara mfatirwako, udushirukabute, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'udushirukabute tujanye n'ukwungura ubumenyi.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise kandi uburenganzira bwo gufungurirwa hamwe n'abandi, kuronswa imyambaro n'ibikoresho vy'akazi hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa.

**Article 21 :**
Le sous-officier de police a droit à un congé annuel de repos de quinze jours ouvrables.

Outre le congé annuel, le sous-officier de police a droit à un congé familial périodique de douze jours deux fois par an ainsi que des congés de circonstance, d'expertise, de reclassement, de mutation, d'intérêt public et

**Ingingo ya 21 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bwo kuronka akaruhuko ko ku mwaka ku mwaka k'imisi icumi n'itanu y'akazi.

Uretse akaruhuko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aronka ku mwaka ku mwaka, arafise uburenganzira bwo kuronka akaruhuko kajanye n'ivy'umuryango k'imisi icumi n'ibiri kabiri mu mwaka hamwe n'akajanye n'ibimushikira rimwe rimwe,

médical.

akaruhuko k'ukurangura iyindi mirimo afisemwo ubuhinga, akaruhuko k'ukwitegurira gukukuruka, akajanye n'uguhindurirwa akarere k'ugukoreramwo, ako kuja kurangura ayandi mabanga y'igihugu n'agahabwa uwurwaye.

Le sous-officier de police de sexe féminin bénéficie en outre d'un congé de maternité tel que prévu par la loi.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi w'igitsina gore araronka kandi akaruhuko kajanye n'ukwibaruka nk'uko bitegekanijwe n'amategeko.

Excepté les congés annuels, l'octroi des autres types de congés prévus aux alinéas précédents doivent coïncider avec l'événement qui en est la cause.

Kiretse uturuhuko two ku mwaka ku mwaka, utundi turuhuko twadondaguwe dutegerezwa gutangura umusi igituma dutangwa gishikiyeko.

Le congé de reclassement est de trois mois et est accordé trois mois avant la date de la mise à la retraite du sous-officier de police.

Akaruhuko ko kwitegurira gukukuruka ni ak'amezi atatu kandi gatangwa hasigaye amezi atatu kugira Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akukuruke.

**Article 22 :**

Pendant sa carrière, le sous-officier de police peut bénéficier d'un congé d'expertise de six mois renouvelable une fois.

**Ingingo ya 22 :**

Mu gihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiri mu kazi, arashobora gufata akaruhuko k'ukurangura iyindi mirimo afisemwo ubuhinga k'amezi atandatu gashobora kwisubiriza rimwe.

La durée de ce congé est décomptée de la période d'activité. Durant cette période, il ne bénéficie pas de traitement.

Ikiringo ako karuhuko kamara kiraharurwa mu kiringo uwo muporisi amara ari mu kazi. Muri ico kiringo, nta mushahara aronka.

**Article 23 :**

Le sous-officier de police a droit à une indemnité de logement déterminée par décret.

**Ingingo ya 23 :**

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bwo kuronka akarusho kajanye n'uburaro gashingwa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

La veuve ou le veuf, les enfants mineurs ou assimilés du sous-officier de police décédé en activité, continuent de bénéficier de cette indemnité de logement jusqu'à l'âge présumé de la retraite du sous-officier de police.

Umupfakazi canke umupfakare, abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko canke abandi bafatwa nkabo basigwa b'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yapfuye akiri mu kazi, baguma baronka akarusho kajanye n'uburaro gushika ku myaka ico Gisongerezi cokukurukiyeko.

Cet avantage ne se cumule pas avec les droits consacrés par l'article 24, alinéa 2 de la présente loi.

Ako karusho hamwe n'ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi afitiye uburenganzira bivugwa mu ngingo ya 24, agahimba ka 2 ntibishobora gutangirwa rimwe.

**Article 24 :**

Le sous-officier de police en activité bénéficie des facilités de l'Etat pour l'accès au crédit du premier logement dans le cadre de la politique générale du Gouvernement du Burundi en matière de l'habitat.

En cas de décès ou de la disparition d'un sous-officier de police en activité, l'Etat supporte le reste de la dette à concurrence de l'indemnité de logement en vigueur.

Les arriérés de remboursement restent à la charge de ses ayants-droit si le sous-officier de police est décédé dans les circonstances ci-après :

1° en cas de suicide ;
2° en cas de décès quand le sous-officier est dans un état de violation de la loi.

**Ingingo ya 24 :**

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiri mu kazi aroroherezwa na Reta mu kuronka inguranke kugira ashobore kuronka uburaro bwa mbere mu ntumbero yo gushira mu ngiro poritike ya Reta mu bijanye n'uburaro.

Mu gihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiri mu kazi apfuye canke abuzwe irengero ryiwe, Reta ni yo ica imurihira umwenda yari asigaje kuriha hafatiwe ku karusho kajanye n'uburaro yari agezeko.

Amafaranga uwo muporisi w'Igisongerezi c'Intwazangabo aba atarishe abandanya arihwa n'abafise uburenganzira ku matungo yiwe mu gihe ico Gisongerezi c'Intwazangabo yitavye Imana muburyo bukurikira :

1° iyo yiyahuye ;
2° iyo yitavye Imana ariko ahonyanga amategeko.

**Article 25 :**

Le sous-officier de police en activité ou à la retraite bénéficie pour lui-même, son conjoint et ses enfants mineurs ou assimilés, des soins médicaux et produits pharmaceutiques gratuits suivant les conditions fixées par les textes réglementaires.

La veuve ou le veuf, les enfants mineurs ou assimilés du sous-officier de police décédé bénéficient des mêmes avantages.

L'Etat continue à verser les cotisations à la Mutuelle de la Fonction Publique en faveur des ayants droits pour le sous-officier de police décédé avant 15 ans de service.

**Ingingo ya 25 :**

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiri mu kazi canke yakukurutse we nyene ubwiwe, uwo bubakanye n'abana biwe batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko canke abafatwa nka bo baravuzwa, bakongera bagahabwa imiti ata mafaranga arishwe hisunzwe ibisabwa bitegekanijwe n'amategeko.

Umupfakazi canke umupfakare, abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko canke abafatwa nka bo b'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yapfuye bararonswa utwo turusho nyene.

Reta ibandanya itangira amafaranga y'intererano mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta abafise uburenganzira ku matungo y'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yapfuye atarakwiza imyaka icumi n'itanu y'akazi.

**Article 26 :**

Sans préjudice des droits des enfants mineurs et assimilés, la veuve ou le veuf d'un sous-officier de police qui se remarie perd les avantages visés aux articles 23,24 et 25 de la présente loi.

**Ingingo ya 26 :**

Hatirengagijwe ko abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo bagumana ivyo bafitiye uburenganzira, umupfakazi canke umupfakare w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yapfuye yubakanye n'uwundi muntu aca atakaza uturusho tuvugwa mu ngingo ya 23, iya 24 n'iya 25 z'iri bwirizwa.

Les enfants mineurs et assimilés de la veuve ou du veuf qui se remarie gardent les avantages susvisés.

Abana batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo b'umupfakazi canke umupfakare yubakanye n'uwundi muntu bagumana uturusho twavuzwe.

Article 27 :
En cas de décès d'un sous-officier de police en activité, ses ayants droit perçoivent, en plus du salaire du mois en cours, une allocation de décès équivalente à douze mois de salaire brut.

Ingingo ya 27 :
Mu gihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi apfuye yari akiri mu kazi, abafise uburenganzira ku matungo yiwe bararonswa umushahara w'ukwezi yapfiriyemwo bakongera bakaronswa amafaranga ahabwa abasigwa angana n'umushahara w'amezi icumi n'abiri atakivuyeko.

La Police Nationale du Burundi prend en charge les frais funéraires du sous-officier de police décédé en activité ou à la retraite, de son conjoint et de ses enfants mineurs ou assimilés; exception faite du sous-officier de police décédé dans un état de violation de la loi.

Igiporisi c'Uburundi ni co gitanga amafaranga yo gufuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi apfuye yari akiri mu kazi canke yarakukurutse, ayo gufuba uwo bari bubakanye, abana biwe batarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko n'abafatwa nka bo; kiretse Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi apfuye yagiye kurenga amategeko.

Le montant des frais funéraires est déterminé par une ordonnance conjointe des Ministres ayant la Police Nationale et les finances dans leurs attributions.

Igitigiri c'amafaranga y'amaziko gitomorwa biciye mw'itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi hamwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta.

Article 28 :
Les sous-officiers de police peuvent suivre des cours de formations dans des écoles professionnelles tant nationales qu'étrangères organisées par le ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Ingingo ya 28 :
Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi barashobora gukurikirana inyigisho mu mashure y'imyuga yaba ayo mu gihugu canke ayo mu bindi bihugu zitunganywa n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

Article 29 :
Le sous-officier de police a droit à des stages de perfectionnement dans les conditions fixées par le ministère ayant la Police Nationale dans ses attributions.

Ingingo ya 29 :
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bw'ugukurikirana inyigisho z'ugukarisha ubwenge hisunzwe ibisabwa bishingwa n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi.

Un stage ou une formation réussie donne droit à une bonification du titre obtenu dans les conditions déterminées par décret.

Aronse amanota ashimishije mu nyigisho z'ugukarisha ubwenge canke mu nyigisho z'imyuga arabironkera agashirukabute kajanye n'urupapuro ruvyemeza aba yaronse nk'uko bitegekanywa n'Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Article 30 :**
Une allocation de fin de carrière équivalente au dernier salaire brut est accordée mensuellement pendant quatre mois à tout sous-officier de police ayant atteint l'âge de la retraite.

**Ingingo ya 30 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese ashikanye imyaka y'ugukukuruka mu kazi abandanya aronswa ku kwezi ku kwezi umushahara yari agezeko ata kivuyeko mu kiringo c'amezi ane.

**Article 31 :**
Au cours de sa carrière, le sous-officier de police bénéficie des distinctions honorifiques. Les critères d'éligibilité, les modalités pratiques, les insignes de décoration ainsi que les avantages liés à cet acte sont déterminés par une législation spécifique.

**Ingingo ya 31 :**
Akiri mu kazi, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arashobora kwambikwa ibidari bihabwa abatewe iteka n'igihugu. Ibifatirwako mu gutorwa, ingene bikorwa, ibimenyetso yambikwa hamwe n'uturusho bijana bishingwa n'Itegeko rivyerekeye.

**Article 32 :**
Le sous-officier de police a droit à une assistance juridique et judiciaire en cas de poursuites ou de préjudices subis dans l'exercice de ses missions.

L'Etat est tenu le cas échéant, de réparer le préjudice qui en est résulté au cas où la responsabilité de l'auteur n'est pas établie ou si ce dernier est insolvable.

Un texte réglementaire détermine les conditions, les modalités et les cas d'assistance juridique et judiciaire ainsi que les conditions d'insolvabilité.

**Ingingo ya 32 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bwo gufashwa mu vyerekeye amategeko canke akaronswa uwumuburanira mu gihe ariko arakurikiranwa canke yakorewe icaha ariko ararangura imirimo ashinzwe.

Reta irabwirizwa, igihe bikenewe, gutanga indishi ku gahombo yagize mu gihe ata caha yagirijwe canke ata mafaranga afise yo kuriha.

Itegeko riratomora ukuntu Igisongerezi c'Intwazangabo ishobora gufashwa, ibisabwa kugira aburanigwe, ryari yoburanigwa n'ukuntu abadashobora kuriha bameze.

## Section 2 : Des devoirs et des incompatibilités

## Agace ka 2 : Ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi gitegerejwe n'ivyo kitabangikanya n'amabanga ajejwe

**Article 33 :**
Le sous-officier de police a pour devoirs notamment de :

a) respecter et faire respecter la Constitution, les lois et règlements ;

b) servir la nation burundaise avec fidélité et dévouement ;

c) veiller en toutes circonstances aux intérêts de la République du Burundi ;

**Ingingo ya 33 :**
Ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ategerejwe ni nk'ibi bikurikira :

a) kwubaha Ibwirizwa Shingiro, amabwirizwa n'amategeko no gutuma vyubahirizwa ;

b) gukorera igihugu c'Uburundi mu kutagihemukira no mu kucitangira ;

c) kwama yitwararika inyungu z'igihugu c'Uburundi ;

| | |
|---|---|
| d) veiller, dans les limites de la loi, au maintien de l'ordre ; | d) kwitwararika, yubahirije amategeko, kubungabunga umutekano ; |
| e) accomplir personnellement et consciencieusement les tâches lui assignées ; | e) gukora we nyene ubwiwe ibikorwa ashinzwe akabirangurana umutima runtu ; |
| f) exécuter les ordres de ses supérieurs sauf ceux qui seraient incompatibles avec l'honneur du service et collaborer dans la mesure où l'exige l'intérêt de service ; | f) gukurikiza amategeko ahabwa n'abamukurira mu kazi kiretse ayotukisha akazi hamwe no gufashanya n'abandi igihe bikenewe ku neza y'akazi ; |
| g) faire preuve de dignité et de courtoisie tant envers ses supérieurs, ses égaux, ses subalternes qu'envers le public ; | g) kugendera ubuntu n'urupfasoni, haba imbere y'abamusumvya ipete, abo baringanya, abo arisumvya ndetse n'imbere y'abandi bantu ; |
| h) éviter, tant dans le service que dans la vie privée, tout ce qui pourrait ébranler la confiance du public ou compromettre l'honneur et la dignité dans sa fonction ; | h) kwirinda, haba mu kazi canke mu buzima bwiwe, ico cose cotuma atizerwa n'abanyagihugu canke comutesha agateka, icubahiro n'ubuntu mu mabanga ajejwe ; |
| i) connaître la loi, les directives et mesures concernant le respect de ses obligations, leur mise en application et les faire respecter ; | i) kumenya amategeko, ivyisungwa n'ingingo vyerekeye ukwubahiriza ivyo ategerejwe, ukubishira mu ngiro no gutuma vyubahirizwa ; |
| j) initier, dans les limites de sa compétence, la répression des abus, des négligences ou des infractions aux lois et règlements qu'il serait amené à constater dans et en dehors de ses fonctions ; | j) gufata iyambere, yisunze ivyo afitiye ububasha, abo bose barenga akarimbi, abafata ibintu minenerwe canke abarenga amabwirizwa n'amategeko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi abonye yaba ari ku kazi canke atari ku kazi ; |
| k) faire preuve de discrétion et d'abnégation au service ; | k) kudatwarira hejuru n'ugukora atiziganya mu kazi ; |
| l) rechercher, exploiter et transmettre tous les renseignements d'ordre sécuritaire, politique, social et économique nécessaires à l'information et à l'action du gouvernement ; | l) kurondera, kwihweza no kurungikira ababijejwe inkuru zose zerekeye poritike, imibano n'ubutunzi Reta ikeneye kumenya no gukoresha ; |
| m) veiller dans les limites de ses compétences à la sauvegarde de la sûreté tant intérieure qu'extérieure de l'Etat ; | m) kubungabunga umutekano mu gihugu n'inyuma y'imbibe z'igihugu, mu vyo afitiye ububasha ; |

| | |
|---|---|
| n) prendre soins des installations et du matériel appartenant à l'Etat ou placés sous sa garde et protection ; | n) gufata neza ivyubatswe hamwe n'ibikoresho vya Reta canke ivyo ajejwe gucungera n'ugukingira ; |
| o) prêter main forte, sur réquisition, aux autorités chargées du maintien de l'ordre ; | o) gufasha abategetsi igihe bamwikozeko ; |
| p) porter secours à toute personne en danger ; | p) gutabara umuntu wese igihe umutekano wiwe ubangamiwe ; |
| q) veiller à ce que son conjoint n'exerce une activité de nature à nuire à l'accomplissement de ses fonctions. | q) kwitwararika ko uwo bubakanye adakora igikorwa gishobora kubangamira irangurwa ry'imirimo yiwe. |
| **Article 34 :** Il est interdit au sous-officier de police de : | Ingingo ya 34 : Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arabujijwe ibi bikurikira : |
| a) se livrer à des actes contraires aux lois et règlements et aux activités portant atteinte à la sécurité du pays ou à l'intégrité du territoire ; | a) gukora ibikorwa biteye kubiri n'amabwirizwa n'amategeko hamwe n'ibikorwa bihungabanya umutekano w'igihugu canke bitubahiriza imbibe zaco ; |
| b) participer à des mouvements qui se livreraient à de telles activités ; | b) kuja mu migwi ikora ibikorwa nk'ivyo ; |
| c) se mettre en grève ou prendre part à des actions visant à provoquer une grève ; | c) kugira yegereyegere canke kuja mu bikorwa bifise intumbero y'ugutera yegereyegere ; |
| d) demander ou accepter directement ou indirectement, tant dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors, mais en raison de celles-ci des avantages quelconques ; | d) gusaba canke kwakira we nyene ubwiwe canke abicishije ku bandi uturusho utwo ari two twose mu gihe ariko ararangura amabanga ajejwe canke atari ku kazi, ariko yitwaje ayo mabanga ; |
| e) dévoiler le secret professionnel pendant sa carrière et même après celle-ci ; | e) kumena amabanga y'akazi mu gihe akiri mu kazi n'igihe aba yaramaze kukavamwo ; |
| f) exercer une activité incompatible avec sa carrière ; | f) gukora igikorwa kitabangikanywa n'akazi ajejwe ; |
| g) accueillir et solliciter des recommandations tendant à obtenir l'application d'un traitement de faveur ; | g) kwemera no gusaba ivyokorwa vyotuma umuntu yoroherezwa biciye kubiri n'amategeko ; |
| h) faire valoir son statut pour ne pas payer ses dettes ou en demander l'exonération ; | h) kwitwaza ico ari kugira ntiyishure imyenda canke ngo asabe kuyiheberwa ; |
| i) s'organiser en syndicats ; | i) kuja mu mashirahamwe aharanira inyungu z'abakozi ; |

j) soumettre les gens à la torture et aux traitements cruels, inhumains et dégradants.

**Article 35 :**
Dans l'exercice de ses fonctions, le sous-officier de police ne peut :

a) porter préjudice aux intérêts d'un parti politique qui, aux termes de la Constitution, est légal ;

b) manifester ses préférences politiques ;

c) avantager de manière partisane les intérêts d'un parti politique ;

d) être membre d'un parti politique ou d'une association à caractère politique ;

e) participer à des activités ou manifestations à caractère politique.

**Article 36 :**
Sont incompatibles avec la qualité de sous-officier de police :

a) tout mandat politique de nature à entraver le fonctionnement et les intérêts du service ;

b) toute activité quelconque de nature à entraver le service ;

c) être membre du conseil ou des organes administratifs des sociétés privées, commerciales ou industrielles en rapport avec le service à l'exception de ceux représentant les intérêts de l'Etat dans ces établissements privés ;

d) avoir, dans une entreprise privée ou dans un secteur placé sous son contrôle direct ou en relation avec lui, quelque soit son mode de gestion ou sa dénomination, des intérêts de nature à l'inciter à ne pas bien accomplir son travail ou à restreindre l'indépendance et l'objectivité de son action dans l'emploi qu'il exerce.

j) gusinzikaza ubuzima bw'abantu no kubafata bunyamaswa.

**Ingingo ya 35 :**
Mu kurangura imirimo ajejwe, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ntashobora :

a) kubera intambamyi inyungu z'umugambwe mu gihe, hisunzwe Ibwirizwa Shingiro, uwo mugambwe wemewe n'amategeko ;

b) kugaragaza aho ahengamiye mu vya poritike ;

c) kugira akamwana wa mama mu gushira imbere inyungu z'umugambwe ;

d) kuba umunywanyi w'umugambwe canke w'ishirahamwe rikora ibijanye na poritike ;

e) kuja mu bikorwa canke mu myiyerekano ijanye na poritike.

**Ingingo ya 36 :**
Ivyo Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi atabangikanya n'amabanga ajejwe ni ibi bikurikira :

a) amabanga yose ya poritike ashobora gutuma atarangura neza akazi k'Igiporisi canke abangamira inyungu z'akazi ;

b) igikorwa ico ari co cose kibangamira akazi k'Igiporisi ;

c) kuja mu bagize urwego nshingwantwaro canke izindi nzego z'amashirahamwe y'abikorera utwabo yaba ay'ubudandaji canke amahinguriro afise ivyo akorana n'Igiporisi kiretse aserukira inyungu za Reta muri ayo mashirahamwe y'abikorera utwabo ;

d) kuba afise mw'ishirahamwe ry'abikorera utwabo canke mu gisata ajejwe kugenzura canke hari ico akorana n'ico gisata, uko kiba gitunganijwe kwose canke uko kiba citwa kwose, inyungu zimutuma atarangura neza umurimo ashinzwe canke zigabanya ubwigenge bwiwe zikongera zikamubuza gucisha aho ukuri kuri mu vyo akora mu kazi ajejwe.

## CHAPITRE IV : DE LA NOTATION

**Article 37 :**
Le sous-officier de police fait l'objet d'une notation annuelle ou occasionnelle.

La notation annuelle est établie à partir du 1er août de chaque année.

La notation occasionnelle est établie lors des mutations, à la fin des stages ou sur demande des chefs hiérarchiques compétents.

**Article 38 :**
La notation a pour but d'éclairer le commandement sur le mérite, la manière de servir et les aptitudes du sous-officier de police.

**Article 39 :**
La procédure de notation, la contexture du bulletin de notation et les critères sont déterminés par une ordonnance du Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Article 40 :**
L'appréciation synthétique du mérite du sous-officier de police est déterminée par les mentions ci-après :

1) Elite : 90 à 100% ;
2) Très bon : 70 à 89% ;
3) Bon : 60 à 69% ;
4) Assez bon : 50 à 59% ;
5) Insuffisant: Inférieure à 50%.

## IGICE CA IV : IVYEREKEYE UGUHABWA AMANOTA MU KAZI

**Ingingo ya 37 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arahabwa amanota ku mwaka ku mwaka canke rimwe na rimwe.

Amanota yo ku mwaka ku mwaka atangwa kuva kw'igenekerezo rya mbere Myandagaro buri mwaka.

Amanota ya rimwe na rimwe atangwa igihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arungitswe gukorera ahandi, arangije inyigisho z'ugukarisha ubwenge canke bisabwe n'abamurongoye babifitiye ububasha.

**Ingingo ya 38:**
Amanota atangwa mu ntumbero y'ukwereka abatwara Igiporisi ico Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yamaze, ingene akora n'ivyo adashoboye.

**Ingingo ya 39:**
Ingene amanota atangwa, uko ifishi y'amanota yo ku kazi iba imeze n'ibifatirwako mu gutanga amanota bitomorwa n'itegeko ry'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

**Ingingo ya 40 :**
Incamake y'amanota ahabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi itomorwa muri ubu buryo bukurikira :

1) Amanota y'indatwa : amanota ari hagati ya 90 na 100%;
2) Amanota meza cane : amanota ari hagati 70 na 89% ;
3) Amanota meza: amanota ari hagati ya 60 na 69% ;
4) Amanota adashemeye: amanota ari hagati ya 50 na 59% ;
5) Amanota mabi cane: amanota adashika 50%.

**Article 41 :**
Tout sous-officier de police coté une fois « INSUFFISANT » ou deux fois de suite « ASSEZ BON » doit comparaître devant un Conseil de discipline désigné par l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

Le Conseil de discipline donne des avis et considérations sur le comportement et la manière de servir du sous-officier de police ainsi que des propositions à l'autorité compétente.

Sur rapport du Conseil de discipline, l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi peut proposer pour révocation au Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions, un sous-officier de police dont l'appréciation générale du mérite est jugée insuffisante.

**Article 42 :**
En cas de contestation de la notation, le recours est porté à l'échelon supérieur endéans sept jours à compter de la réception du bulletin de notation. Si la réponse n'est pas donnée endéans trente jours, l'intéressé saisit la Cour Administrative.

**Ingingo ya 41 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese yaronse amanota «MABI CANE » rimwe canke yaronse kabiri gakurikirana amanota «ADASHEMEYE» ategerezwa guca arenguka mu mugwi ujejwe ivyerekeye inyifato mu kazi ushingwa n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato mu kazi uragira ico ushikirije ku nyifato y'ico Gisongerezi n'ingene gikora hamwe n'inama uwo mugwi ugira umutegetsi abifitiye ububasha.

Hafatiwe ku cegeranyo cagizwe n'Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato mu kazi, Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi arashobora gusaba Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi ngo yirukane mu kazi Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yaronse amanota mabi cane.

**Ingingo ya 42:**
Mu gihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi adashimishijwe n'amanota yaronse mu kazi, aca yitwara ku rwego rukurira urwamuhaye ayo manota mu kiringo c'imisi indwi giharurwa kuva kw'igenekerezo yaronkeyeko ifishi yerekana ayo manota. Iyo nyishu idatanzwe mu kiringo c'imisi mirongo itatu, uwo vyerekeye aca yitura Sentare isasa mu manza zerekeye Reta n'ibisata vyayo bimwebimwe.

## CHAPITRE V : DES GRADES ET DE L'AVANCEMENT

**Section 1 : Des grades**

**Article 43 :**
La nomenclature des grades des sous-officiers de police est la suivante :

1. Sergent de Police ;
2. 1er Sergent de Police ;
3. 1er Sergent–Major de Police ;
4. Adjudant de Police ;

## IGICE CA V : IVYEREKEYE AMAPETE N'UKUDUZWA AMAPETE

**Agace ka 1: Amapete**

**Ingingo ya 43 :**
Amapete ahabwa Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi ni aya akurikira :

1. Sereja mu Giporisi ;
2. Sereja wa mbere mu Giporisi ;
3. Sereja-Majoro mu Giporisi ;
4. Ajida mu Giporisi ;

5. Adjudant-chef de Police ;
6. Adjudant-Major de Police.

5. Ajida-shefu mu Giporisi ;
6. Ajida-Majoro mu Giporisi.

**Article 44 :**
Les grades de nomination des sous-officiers de police se succèdent dans l'ordre croissant suivant :

1. Sergent de Police : Sgt Pol ;
2. 1er Sergent de Police : 1Sgt Pol ;
3. 1er Sergent–Major de Police : 1 SM Pol ;
4. Adjudant de Police : Adjt Pol ;
5. Adjudant-chef de Police : A-C Pol ;
6. Adjudant-Major de Police : A-M Pol.

**Ingingo ya 44 :**
Amapete ahabwa Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi asumbasumbana uku gukurikira uhereye kuri ritoyi :

1. Sereja mu Giporisi : Sgt Pol
2. Sereja wa mbere mu Giporisi : 1Sgt Pol
3. Sereja-Majoro mu Giporisi : 1SM Pol
4. Ajida mu Giporisi : Adjt Pol
5. Ajida-shefu mu Giporisi : A-C Pol
6. Ajida-Majoro mu Giporisi : A-M Pol

**Section 2 : De l'avancement et du commissionnement**

**Agace ka 2 : Ukuduzwa ipete n'ugusimbishwa ipete**

**Article 45 :**
L'avancement de grade se réalise par la promotion du sous-officier de police au grade immédiatement supérieur.

**Ingingo ya 45 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aduzwa ipete mu kumuduza akaja kw'ipete rikurikira iryo yari asanganywe.

**Article 46 :**
La promotion aux différents grades d'un sous-officier de police est accordée par le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 46 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aduzwa ku mapete atandukanye n'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

**Article 47 :**
Au premier décembre de chaque année, les chefs hiérarchiques compétents établissent un tableau d'avancement des sous-officiers de police sous leurs responsabilités dont ils proposent la promotion de grade.

**Ingingo ya 47 :**
Kw'igenekerezo rya mbere Kigarama buri mwaka, abatwara Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu kazi babifitiye ububasha baragira urutonde rw'ingene Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi batwara boduzwa amapete.

**Article 48 :**
La promotion au grade immédiatement supérieur s'opère suivant l'appréciation de la hiérarchie dans l'ordre suivant :

1. Sergent de Police à 1er Sergent de Police : 3 ans ;
2. 1er Sergent de Police à 1er Sergent-major de Police : 4 ans ;

**Ingingo ya 48 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aduzwa kw'ipete rikurikira iryo yari asanganywe igihe abamutwara mu kazi babonye ko bikwiye, bikagirwa muri uru rutonde rukurikira :

1. Sereja mu Giporisi kugira aronke ipete rya Sereja wa mbere mu Giporisi : imyaka 3 ;
2. Sereja wa mbere mu Giporisi kugira aronke ipete rya Sereja-Majoro wa mbere mu Giporisi : imyaka 4 ;

3. 1[er] Sergent-major de Police à Adjudant de Police : 5 ans ;

4. Adjudant de Police à Adjudant-chef de Police : 5 ans ;

5. Adjudant-chef de Police à Adjudant-major de Police : 6 ans.

Pour être promu au grade supérieur, le sous-officier de police doit en outre réunir les conditions suivantes :

a) avoir des connaissances des aptitudes professionnelles ainsi que des qualités morales requises ;

b) avoir la mention « Elite »une fois, la mention « Très Bon » au moins trois années consécutives ou la mention « Bon » au moins quatre années consécutives.

**Article 49 :**
Sans préjudice des conditions énumérées précédemment, aucun sous-officier de police ne peut être promu s'il s'est vu infliger une punition marquante au cours des sept derniers mois qui précédent la nomination ou s'il a un dossier disciplinaire et/ou judiciaire en cours.

**Article 50 :**
Le sous-officier de police qui ne réussit pas un stage d'application ou de perfectionnement ou toute autre formation initiée par le ministère ayant la Police Nationale dans ses missions, soit dans le pays, soit dans un pays étranger est retardé à l'avancement par rapport à sa promotion.

**Article 51 :**
Le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions peut, sur proposition des chefs hiérarchiques compétents, commissionner, avant la période normale d'avancement, au grade supérieur, un sous-officier de police pour mérite exceptionnel ou pour exercer l'emploi dévolu à ce grade lorsque les nécessités de l'encadrement l'exigent.

3. Sereja-Majoro wa mbere mu Giporisi kugira aronke ipete rya Ajida mu Giporisi : imyaka 5 ;

4. Ajida mu Giporisi kugira aronke ipete rya Ajida-shefu mu Giporisi : imyaka 5 ;

5. Ajida-shefu mu Giporisi kugira aronke ipete rya Ajida-Majoro mu Giporisi : imyaka 6 ;

Kugira Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aduzwe ipete ategerezwa :

a) kuba afise ubumenyi n'ubushobozi mu mwuga w'Igiporisi hamwe n'inyifato ibereye ;

b) kuronka «Amanota y'indatwa» rimwe, amanota «Meza cane» n'imiburiburi imyaka itatu ikurikirana canke amanota «Meza» n'imiburiburi imyaka ine ikurikirana.

**Ingingo ya 49 :**
Hatirengagijwe ibisabwa vyamaze kudondagurwa, nta Gisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi n'umwe ashobora kuduzwa ipete iyo yahawe igihano gikomeye mu mezi indwi imbere y'aho yoherewe iryo pete canke iyo yugururiwe idosiye ijanye n'inyifato mbi mu kazi canke ariko arakurikiranwa n'ubutungane.

**Ingingo ya 50 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ataronse amanota ashimishije mu myimenyerezo y'ugushira mu ngiro ivyo yize canke inyigisho z'ugukarisha ubwenge canke izindi nyigisho izo ari zo zose zitegekanywa n'Ubushikiranganji bujejwe Igiporisi c'Uburundi zibera mu gihugu canke mu mahanga ararindirizwa kuduzwa ipete hafatiwe ku gihe yodugiyeko ipete.

**Ingingo ya 51 :**
Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi arashobora, bishikirijwe n'abatwara Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi mu kazi babifitiye ububasha, kumusimbisha ipete, ikiringo yodugirijweko kitaragera kubera ivyo yaranguye bidasanzwe canke kugira arangure imirimo ishingwa abafise iryo pete mu gihe bikenewe ko ari we ayikurikirana.

**Article 52 :**
Tout sous-officier de police qui remplit les conditions énumérées à l'article 48 et qui n'avance pas de grade, a le droit d'introduire un recours.

**Ingingo ya 52 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese akwije ibisabwa bidondaguwe mu ngingo ya 48 hanyuma ntaduzwe ipete, arafise uburenganzira bwo kwitwara.

**Article 53 :**
L'ancienneté dans le grade est déterminée par la date de nomination à ce grade.

**Ingingo ya 53 :**
Imyaka Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi amaranye ipete iharurwa uhereye kw'igenekerezo yaronkeyeko iryo pete.

**Article 54 :**
L'ancienneté relative des sous-officiers de police de même grade et nommés à la même date est déterminée par le classement établi à la fin de la formation de base.
Le classement général des sous-officiers de police par ancienneté est consigné dans l'annuaire des sous-officiers de police tenu à jour par l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 54 :**
Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi banganya ipete kandi barironkeye kw'igenekerezo rimwe basumbanya uburambe mu kazi hafatiwe ku manota baronse barangije inyigisho z'intango.
Urutonde rw'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi hakurikijwe uko basumbanya uburambe mu kazi rushirwa mu gitabu co ku mwaka ku mwaka candikwamwo Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi kija kirashirwa ku gihe n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

## CHAPITRE VI : DU TRAITEMENT, DES PRIMES, DES INDEMNITES ET DES AVANTAGES SOCIAUX

## IGICE CA VI : IVYEREKEYE IMISHAHARA, UDUSHIRUKABUTE, UTURUSHO TUJANYE N'IVY'AKAZI HAMWE N'UTUJANYE N'IVY'IMIBANO

**Article 55 :**
Pendant la période d'activité, le sous-officier de police a droit au traitement mensuel payé à terme échu, sauf s'il a fait l'objet d'une sanction disciplinaire entraînant une retenue sur traitement.

**Ingingo ya 55 :**
Mu gihe akiri mu kazi, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bw'uguhembwa umushahara uko ukwezi guheze, kiretse iyo yafatiwe igihano kijanye n'inyifato mu kazi gituma uwo mushahara ukatwa.

**Article 56 :**
A chaque grade de sous-officier de police correspond un traitement de base. En outre, le sous-officier de police bénéficie selon le cas, des primes, des indemnités et des avantages divers.

**Ingingo ya 56 :**
Kw'ipete rimwe rimwe ryose ry'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi hariho umushahara mfatirwako bijanye. Vyongeye, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi araronswa, bivanye n'ivyo akora, udushirukabute, uturusho dutandukanye.

**Article 57 :**
Les primes sont des compléments pécuniaires au traitement, destinées à rétribuer au sous-officier de police qui exerce certaines fonctions ou accomplit certaines prestations spécifiques.

**Ingingo ya 57 :**
Udushirukabute ni amafaranga yongerwa ku mushahara w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi kubera amabanga amwe amwe ajejwe canke kubera imirimo imwe imwe idasanzwe atumwa kurangura.

Elles se composent notamment de :

a) prime de fonction ;
b) prime de spécialité ;
c) prime de rendement ;
d) prime d'instructeur ;
e) bonifications de stages et de formations.

Utwo dushirukabute ni nk'utu dukurikira :

a) agashirukabute kajanye n'amabanga ajejwe ;
b) agashirukabute kajanye n'ubuhinga ;
c) agashirukabute kajanye n'ukwitanga mu kazi ;
d) agashirukabute gahabwa uwutanga inyigisho ;
e) agashirukabute gahabwa uwakarihirijwe ubwenge n'agahabwa uwaronse inyigisho.

**Article 58 :**
Le sous-officier de police a droit aux indemnités liées aux risques encourus dans l'exercice de ses missions :

a) indemnité d'opération ;
b) indemnité de risque ;
c) indemnité de charge ;
d) indemnité de servitude.

**Ingingo ya 58 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bwo kuronswa uturusho tujanye n'impanuka zishobora kumushikira ariko ararangura imirimo ajejwe :

a) akarusho kajanye n'ibikorwa vy'igiporisi vyo mu bihe bidasanzwe ;
b) akarusho kajanye n'impanuka z'akazi zishobora kumushikira ;
c) akarusho kajanye n'umurimo ajejwe ;
d) akarusho kubera ukutidegemvya.

**Article 59 :**
Le sous-officier de police a droit aux indemnités de sujétion liées aux contraintes de son métier.

**Ingingo ya 59 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arafise uburenganzira bwo kuronswa uturusho tujanye n'ukuba indarangavyе kubera utwigoro agira tujanye n'umwuga akora.

**Article 60 :**
En plus des primes et indemnités, le sous-officier de police bénéficie des avantages sociaux suivants :

a) allocations familiales ;
b) indemnité de logement ;
c) soins médicaux et produits pharmaceutiques.

**Ingingo ya 60 :**
Uretse udushirukabute n'uturusho tujanye n'ivy'akazi, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi araronswa kandi uturusho tujanye n'ivy'imibano dukurikira :

a) uturusho tujanye n'ugushigikira umuryango ;
b) akarusho kajanye n'uburaro ;
c) ukuvuzwa no kuronswa imiti.

**Article 61 :**
Le traitement de base, les indemnités, les primes et les avantages sociaux sont déterminés par décret.

**Ingingo ya 61 :**
Umushahara mfatirwako, uturusho tujanye n'ivy'akazi, udushirukabute n'uturusho tujanye n'ivy'imibano bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Article 62 :**
L'avancement de traitement consiste en une augmentation annuelle ajoutée au traitement initial et calculée proportionnellement à celui-ci. Cette augmentation est accordée à partir du mois de janvier de chaque année.

Le taux d'augmentation annuel est fixé par décret.

**Article 63 :**
L'avancement de grade donne droit au salaire du grade conféré.

Le sous-officier de police promu a droit au salaire déjà atteint augmenté de la différence entre le salaire de base du nouveau grade et celui du grade précédent.

## CHAPITRE VII : DE LA CARRIERE

**Article 64 :**
Le sous-officier de police peut servir jusqu'à l'âge de la retraite.

La carrière d'un sous-officier de police commence le jour de son recrutement.

La qualité de sous-officier de police s'acquiert par nomination à titre définitif après la fin du stage concluant.

Le candidat sous-officier de police en stage reste soumis aux textes réglementaires régissant l'Ecole des Sous-Officiers de Police.

**Article 65 :**
Tout sous-officier de police doit être dans l'une des positions suivantes :

a) l'activité ;
b) le congé ;
c) le détachement ;

**Ingingo ya 62 :**
Ukuduza umushahara w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ni ukwongera amafaranga ku mwaka ku mwaka ku mushahara mfatirwako, ayongerwako agaharurwa hafatiwe kuri uwo mushahara mfatirwako. Umushahara uduzwa mu kwezi kwa Nzero ku mwaka ku mwaka.

Urugero kw'ijana rufatirwako mu kuduza umushahara ku mwaka ku mwaka rushingwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu.

**Ingingo ya 63 :**
Ukuduzwa ipete bitanga uburenganzira bw'ukuronswa umushahara ujanye n'iryo pete.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yadugijwe ipete aronka umushahara yari agezeko hongeweko amafaranga asigara umushahara ufatirwako mu guharura ujanye n'ipete rishasha ukuwemwo umushahara ufatirwako kw'ipete yahorana.

## IGICE CA VII : IVYEREKEYE UMWUGA W'IGISONGEREZI C'INTWAZANGABO MU GIPOLISI

**Ingingo ya 64 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arashobora gukora gushika ashikanye imyaka y'ugukukuruka.

Umwuga w'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi utangura kuva umusi yinjijwe mu Bisongerezi.

Umuntu aba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi agenywe burundu kuba Igisongerezi c'Intwazangabo kandi amaze kurangiza imyimenyerezo y'akazi akaronka amanota ashimishije.

Uwitegurira kuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiriko arimenyereza akazi agengwa n'amategeko y'Ishure ry'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi.

**Ingingo ya 65 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese ategerezwa kuba ari hamwe muri aha hakurikira :

a) mu kazi ;
b) mu karuhuko ;
c) mu yandi mabanga yajejwe atari ay'Igiporisi ;

d) la non activité de service comprenant :

- la suspension par mesure d'ordre ;
- l'absence reconnue irrégulière ;
- la mise en disponibilité disciplinaire ;
- la mise en disponibilité pour convenance personnelle ;
- la démission acceptée ;
- la condamnation à une peine privative de liberté.

**Article 66 :**
Le Ministre ayant la police nationale dans ses attributions peut détacher un sous-officier de police.

**Article 67 :**
Le sous-officier de police détaché reste soumis à la présente loi pour ce qui concerne les avantages acquis au sein de la Police Nationale et le droit à l'avancement de grade.

Pour les autres avantages, le sous-officier de police relève des règles régissant l'emploi de détachement.

**Article 68 :**
Le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions peut, sur demande de l'intéressé, mettre un sous-officier de police en disponibilité pour convenance personnelle.

La durée de la mise en disponibilité pour motif de convenance personnelle est de trois ans renouvelable une seule fois et peut être interrompue sur demande de l'intéressé.

**Article 69 :**
A l'expiration de sa période de mise en disponibilité, le sous-officier de police réintègre le service ou rend sa démission.

La mise en disponibilité pour convenance personnelle ne peut être accordée que si le sous-officier de police a accompli au moins sept ans de service actif sans interruption.

d) atari mu kazi ku mvo zikurikira :

- ahagaritswe mu kazi vy'agateganyo ;
- atari ku kazi bidaciye mu mategeko ;
- ahagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera ukwigenza nabi mu kazi ;
- ahagaritse akazi mu kiringo kanaka avyisabiye ;
- atanze imihoho akavyemererwa ;
- aciriwe igihano c'ugupfungwa.

**Ingingo ya 66 :**
Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi arashobora kurungika Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi mu yandi mabanga atari ay'Igiporisi.

**Ingingo ya 67 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arungitswe mu yandi mabanga aguma agengwa n'iri bwirizwa mu bijanye n'uturusho yari amaze kuronka mu Giporisi no mu vyerekeye uburenganzira bw'ukuduzwa ipete.

Ku vyerekeye utundi turusho, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi agengwa n'amategeko agenga akazi gashasha ajejwe.

**Ingingo ya 68 :**
Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi arashobora kwemerera Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi guhagarika akazi mu kiringo kanaka avyisabiye.

Ikiringo c'uguhagarika akazi mu kiringo kanaka Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi avyisabiye ni ic'imyaka itatu gishobora kwisubiriza rimwe gusa kandi kigashobora guhagarikwa uwo vyerekeye avyisabiye.

**Ingingo ya 69 :**
Ikiringo c'uguhagarika akazi kirangiye, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arasubira mu kazi canke agatanga imihoho.

Vyemerwa ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ahagarika akazi ari uko avyisabiye amaze gushikana n'imiburiburi imyaka indwi y'akazi ikurikirana.

Le sous-officier de police du Burundi qui ne réintègre pas le service après sa période de mise en disponibilité pour convenance personnelle est révoqué de la Police Nationale du Burundi.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi adasubiye ku kazi ikiringo c'ukugahagarika yari yavyisabiye kirangiye aca yirukanwa mu Giporisi c'Uburundi.

**Article 70 :**
Le sous-officier de police mis en disponibilité par mesure disciplinaire bénéficie d'un traitement de base réduit de moitié.

**Ingingo ya 70 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yahagaritswe mu kazi mu kiringo kanaka kubera yigenjeje nabi mu kazi ahembwa ica kabiri c'umushahara mfatirwako.

**Article 71 :**
Après réintégration administrative, le sous-officier de police perçoit l'entièreté de son traitement pour toute la durée de la procédure judiciaire s'il est acquitté.

**Ingingo ya 71 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi amaze gusubizwa mu kazi, arahabwa umushahara wose wari warahagaritswe mu kiringo yariko arakurikiranwa na sentare iyo cambitswe izera.

**Article 72 :**
Le sous-officier de police en position de non activité pour des raisons de captivité bénéficie de l'entièreté de son traitement durant toute cette période.

Le sous-officier de police disparu bénéficie de l'entièreté du traitement jusqu'au prononcé du tribunal compétent déclarant son décès.

**Ingingo ya 72 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi atari mu kazi kubera yagizwe imbohe aguma aronswa umushahara wose mu kiringo cose amara agizwe imbohe.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yabuzwe irengero ryiwe aguma aronswa umushahara wose gushika sentare ibifitiye ububasha itangaje ko yapfuye.

**Article 73 :**
Le sous-officier de police en position de non activité pour des raisons d'inaptitude physique définitive due à une maladie ou à un accident professionnel bénéficie d'une pension d'invalidité tout au long de sa vie, à partir du jour de la décision de la commission médicale.

La pension d'invalidité équivaut au traitement de base majoré de l'indemnité de logement et des allocations familiales.

**Ingingo ya 73 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi atakiri mu kazi kubera afise ubumuga bw'umubiri butagikira buturutse ku ndwara canke ku mpanuka y'akazi araronka ubuzima bwiwe bwose impamba ihabwa abagishoboye akazi, kuva ku musi umugwi w'abaganga ufatiyeko ingingo yemeza ko ubumuga bwiwe butagikira.

Amafaranga y'impamba ahabwa abatagishoboye akazi angana n'amafaranga y'umushahara ufatirwako hongeweko ayo uburaro hamwe n'amafaranga ajanye n'ugushigikira umuryango.

**Article 74 :**
Le sous-officier de police acquitté et qui n'a pas été révoqué de la Police Nationale du Burundi perçoit, après réintégration administrative, son traitement plein et est régularisé pour toute la durée de la procédure judiciaire.

**Ingingo yanga 74 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yambitswe izera akaba atari bwirukanwe mu Giporisi c'Uburundi, amaze gusubizwa mu kazi, arahabwa imishahara yose atahembwe ihuye n'ikiringo yamaze ariko arakurikiranwa na sentare.

**Article 75 :**
Le sous-officier de police mis en non activité de service en raison d'une infraction établie ne bénéficie d'aucun traitement.

Le sous-officier de police mis en suspension par mesure d'ordre bénéficie du traitement de base réduit de moitié.

**Ingingo ya 75 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ahagaritswe mu kazi kubera yagiriye icaha ntamushahara aronka.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yahagaritswe mu kazi vy'agateganyo aronswa ica kabiri c'umushahara mfatirwako.

**Article 76 :**
Le sous-officier de police révoqué, réformé ou démissionnaire ne peut plus réintégrer le corps de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 76 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yirukanywe mu kazi, yasezerewe mu kazi vyemejwe ko atakigashoboye canke yatanze imihoho ntashobora gusubira mu Giporisi c'Uburundi.

## CHAPITRE VIII : DU REGIME DISCIPLINAIRE

## IGICE CA VIII : IVYEREKEYE AMATEGEKO AGENGA INYIFATO MU KAZI

### Section 1 : Des fautes et des sanctions disciplinaires

### Agace ka 1 : Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi hamwe n'ibihano

**Article 77 :**
Le sous-officier de police en activité reste soumis au régime disciplinaire prévu par la présente loi.

**Ingingo ya 77 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akiri mu kazi aguma agengwa n'amategeko yerekeye inyifato mu kazi ategekanijwe n'iri bwirizwa.

**Article 78 :**
Le régime disciplinaire est l'ensemble de règles mises à la disposition de l'autorité hiérarchique pour sanctionner la manière habituelle de servir et le comportement du personnel de la Police Nationale.

Il est constitué de sanctions disciplinaires et de récompenses dont copies versées au dossier individuel.

**Ingingo ya 78 :**
Amategeko agenga inyifato mu kazi ni amategeko yose umutegetsi atwara abandi mu Giporisi yisunga mu gukurikirana ingene abo ajejwe basanzwe bakora n'inyifato yabo hamwe no mu gufata ingingo iyo bikenewe.

Ayo mategeko ategekanya ibihano bijanye n'inyifato itabereye mu kazi hamwe n'udushimwe duhabwa abakoze neza, inzandiko zivyerekeye zigashirwa mw'idosiye y'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi vyerekeye.

**Article 79 :**
Tout manquement d'un sous-officier de police à ses devoirs ou obligations, tel qu'il ressort de la présente loi, dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors de celles-ci, constitue une faute passible de sanction disciplinaire.

**Ingingo ya 79 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese adakoze ivyo ajejwe canke ivyo ategerejwe, nk'uko bitegekanijwe n'iri bwirizwa, ariko ararangura amabanga y'akazi canke atari ku kazi, aba akoze ikosa rihanishwa igihano kijanye n'inyifato mu kazi.

Paragraphe 1 : Des fautes disciplinaires

**Article 80 :**
Constituent les fautes disciplinaires notamment :

1) le refus de l'ordre ou l'exécution tardive d'un ordre légalement reçu ;
2) le mensonge ;
3) l'ivresse ;
4) la consommation de boissons alcoolisées au service ;
5) la grossièreté ;
6) l'inobservance des règles relatives aux marques extérieures de respect dues à un supérieur et aux honneurs à rendre ;
7) la brutalité et les expressions blessantes à l'égard d'un inférieur ;
8) l'abus de pouvoir ;
9) la négligence dans l'entretien des effets de service et des armes ;
10) l'usage abusif du matériel de service ;
11) l'usage abusif des armes ;
12) la négligence ou la mauvaise volonté dans l'accomplissement des devoirs ;
13) le retard aux appels et aux rassemblements ;
14) l'absence irrégulière au service ;
15) la dispute ;
16) l'inexécution des consignes ou des ordres reçus ;
17) le vagabondage sexuel ;

Agahimba ka 1 : Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi

**Ingingo ya 80 :**
Amakosa ajanye n'inyifato mu kazi ni nk'aya akurikira :

1) ukwanka gukurikiza itegeko canke uguteba gukurikiza itegeko ryatanzwe hisunzwe amategeko ;
2) ububeshi ;
3) akaborerwe ;
4) ukunywera inzoga ku kazi ;
5) ugushira isoni mu mvugo ;
6) ukudakurikiza amategeko agenga ibijanye n'ukugaragaza icubahiro gihabwa uwumuruta mu kazi hamwe n'imigirwa y'ukwerekana icubahiro ;
7) ugukoresha umukazo n'amajambo akomeretsa uwo aruta mu kazi ;
8) ukwitwaza ububasha;
9) ukutitwararika kubungabunga ibikoresho vy'akazi hamwe n'ibirwanisho ;
10) ugukoresha ibikoresho vy'akazi ibitemewe n'amategeko ;
11) ugukoresha ibirwanisho ibitemewe n'amategeko ;
12) ukutitwararika gukora ivyo ajejwe canke ukubikora ata shaka ;
13) ugucererwa ku mapero no mu mahuriro ;
14) ugusiba ku kazi atabirekuriwe ;
15) ugutongana ;
16) ukudakurikiza konsinye canke amategeko yahawe;
17) ubuhumbu ;

18) la mendicité ;

19) la réclamation collective ;

20) le recours collectif, vexatoire, diffamatoire ou téméraire ;

21) la soumission d'une revendication ou d'une plainte sans respect de la hiérarchie ;

22) le refus d'exécuter une punition ;

23) l'abandon de famille ;

24) la solidarité dans l'erreur ;

25) la demande ou l'acceptation directement ou indirectement, dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors, mais en raison de celles-ci, des avantages quelconques ;

26) la divulgation du secret professionnel pendant sa carrière et même après celle-ci ;

27) l'entrave à l'exécution d'une mission de contrôle ou d'audit ;

28) le comportement dans un lieu public ou accessible au public permettant de supposer que son auteur exerce une activité à caractère politique de quelque genre que ce soit ;

29) la participation à des polémiques ou luttes des partis politiques, sectes, associations ou groupements ayant une tendance ou un caractère politique ;

30) la déclaration dans la presse sans autorisation de la hiérarchie ;

18) ugusegerereza ;

19) ugusabira ibintu mu kivunga ;

20) ugusaba mu kivunga ko ingingo yafashwe isubirwamwo canke ugusaba ko ingingo yafashwe isubirwamwo hakoreshejwe amajambo y'ugutukana, atyoza canke mu kwubahuka birengeje ;

21) ukwemera ivyo asabwe canke ibirego ashikirijwe atagishije inama abamutwara;

22) ukwanka igihano;

23) uguta umuryango ;

24) ugushigikirana mu makosa ;

25) ugusaba canke ukwemera kwakira we nyene ubwiwe canke abicishije ku wundi uturusho utwo ari two twose ariko ararangura amabanga ajejwe canke atariko arayarangura, ariko yitwaje ayo mabanga ;

26) ukumena amabanga y'akazi akiri mu kazi no mu gihe ataba akiri mu kazi ;

27) ukuba intambamyi y'igikorwa c'ugusuzuma canke ic'ukugenzura ;

28) ukugira inyifato ahakoranira abantu benshi canke ahashobora guhurira abantu benshi bituma uwuyigize ashobora gufatwa ko ariko arakora igikorwa ca poritike ico ari co cose ;

29) ukwisuka mu mpari canke mu ndyane z'imigambwe canke z'utudumbidumbi tw'amadini, iz'amashirahamwe canke iz'imigwi ifise intumbero y'ivyerekeye poritike ;

30) ugushikiriza inkuru mu bimenyeshamakuru uwumutwara atamuhaye uruhusha ;

31) la production ou la distribution de tout écrit à caractère politique ou subversif ;

32) la menace avec arme ;

33) la détention illégale d'arme ;

34) la pratique du braconnage ;

35) la fréquentation des débits de boissons et des lieux de dancing en uniforme ou en arme ;

36) le port d'une tenue non réglementaire ;

37) la détention, la consommation, la vente, le transport, la culture ou la facilitation du trafic des stupéfiants et des boissons prohibées ;

38) le fait de soustraire au contrôle ou aux poursuites judiciaires, par des manœuvres dilatoires, les personnes recherchées par la justice;

39) le fait de retenir injustement le recours introduit par un subalterne destiné à l'autorité supérieure ;

40) le vol, l'extorsion ou le pillage pendant ou en dehors de l'exercice de ses fonctions ;

41) le détournement des objets saisis ;

42) l'abandon de son poste d'attache ;

43) la désertion constatée après quinze jours en temps de paix et après sept jours en temps de crise ;

44) l'introduction au camp d'une personne étrangère sans autorisation ;

45) fabrication illégale d'armes.

31) ugusohora inzandiko zose za poritike, ukuzitanga n'ukuzikwiragiza ;

32) ugutera ubwoba akoresheje ikirwanisho ;

33) ukuba afise ikirwanisho bitemewe n'amategeko ;

34) ukuroba canke uguhiga ibikoko bitarekuwe n'amategeko ;

35) ukuja mu bunywero no mu butambiro Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yambaye umwambaro w'akazi canke afise ikirwanisho ;

36) ukwambara umwambaro utemewe n'amategeko ;

37) ugutunga ibiyayuramutwe n'ibinyobwa bibujijwe, ukubinywa, ukubigurisha, ukuvyunguruza, ukubirima canke kworohereza urudandazwa rwavyo ;

38) kwanka ko abantu baronderwa n'ubutungane basuzumwa canke bakurikiranwa muri sentare akoresheje uburyo bw'ukudindiza ibikorwa ;

39) ukugumya, akoresheje akarenganyo, urwandiko rw'uwo atwara rusaba ko ingingo yafatiwe isubirwamwo rugenewe uwumukurira mu kazi ;

40) ukwiba, ukwambura abantu ku nguvu utuntu twabo canke ugusahura ariko ararangura imirimo ajejwe canke atariko arayirangura ;

41) ukunyuruza ibintu vyafashwe ;

42) uguta ikirindiro ;

43) uguta akazi bikamenyekana haciye imisi icumi n'itanu adatonda mu gihe c'amahoro n'imisi indwi mu gihe c'intambara ;

44) ukwinjiza mw'ikambi umuntu wo hanze ata ruhusha ;

45) ugukora ibirwanisho ataburenganzira ubifitiye.

Article 81 :
Est qualifiée de faute grave pouvant impliquer la révocation, tout comportement intentionnel du sous-officier de police contraire à ses devoirs, qui cause préjudice à autrui, à la discipline, au fonctionnement du service, à l'image et au prestige de la Police Nationale du Burundi notamment le fait de :

1) porter gravement atteinte à la Constitution ;

2) abuser de l'autorité dont il est revêtu ou de sa qualité pour commettre des actes de viol, de torture, de barbarie ou porter atteinte au respect de la personne humaine ;

3) faire usage de son arme en dehors des cas prévus par la loi et les règlements ;

4) détenir une arme non dotée par le service ;

5) voler, extorquer ou piller ;

6) utiliser abusivement le matériel de service ;

7) se livrer au vagabondage sexuel ;

8) se solidariser dans l'erreur ;

9) demander ou accepter directement ou indirectement dans l'exercice de ses fonctions ou en dehors, mais en raison de celles-ci, des avantages quelconques ;

10) dévoiler le secret professionnel pendant sa carrière et même après celle-ci ;

11) prendre part à des polémiques ou luttes des partis politiques ou sectes, associations ou groupements ayant une tendance ou un caractère politique ;

12) produire ou distribuer tout écrit à caractère politique ou subversif ;

Ingingo ya 81 :
Igifatwa ko ari ikosa rihambaye rishobora gutuma hafatwa ingingo y'ukwirukanwa mu kazi, ni inyifato yose Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi agize n'impaka iteye kubiri n'ivyo ajejwe, inyifato yose ibangamira uwundi muntu, idahuye n'inyifato nziza mu kazi, ibera intambamyi irangurwa ry'imirimo, igacafuza ishusho n'icubahiro vy'Igiporisi c'Uburundi nko mu gukora ibi bikurikira :

1) kurenga Ibwirizwa Shingiro ;

2) kwitwaza ububasha afise canke ico ari mu gukora amabi ajanye n'ugusambanya umuntu ku nguvu, ukumusinzikariza ubuzima, ukumufata bunyamaswa canke ukutubahiriza ikiremwa muntu ;

3) gukoresha ikirwanisho ciwe mu bihe bidategekanijwe n'amabwirizwa hamwe n'amategeko ;

4) gutunga ikirwanisho atahawe n'akazi ;

5) kwiba, kwambura abantu ku nguvu utuntu twabo canke kubasahura ;

6) gukoresha ibikoresho vy'akazi ibitemewe n'amategeko ;

7) kuja mu buhumbu ;

8) gushigikirana mu makosa ;

9) gusaba canke ukwemera kwakira we nyene ubwiwe canke abicishije ku wundi uturusho utwo ari two twose ariko ararangura amabanga ajejwe canke atariko arayarangura, ariko yitwaje ayo mabanga ;

10) kumena amabanga y'akazi akiri mu kazi n'igihe aba atakiri mu kazi ;

11) kwisuka mu mpari canke mu ndyane z'imigambwe canke z'utudumbidumbi tw'amadini, iz'amashirahamwe canke iz'imigwi ifise intumbero y'ivyerekeye poritike ;

12) gusohora canke gukwiragiza inzandiko zose z'ivya poritike canke zigumura ;

13) braquer une arme lors d'une dispute ;

14) pratiquer le braconnage ;

15) détenir, consommer, vendre, transporter, cultiver ou faciliter le trafic des stupéfiants et des boissons prohibées ;

16) soustraire au contrôle ou aux poursuites judiciaires, par des manœuvres dilatoires, les personnes recherchées par la justice ;

17) retenir injustement le recours introduit par un subalterne destiné à l'autorité supérieure ;

18) détourner les objets saisis ;

19) être en situation de désertion constatée après quinze jours d'absence en temps de paix et après sept jours d'absence en temps de crise ;

20) participer à un mouvement subversif ou à une mutinerie ;

21) violenter, menacer, outrager ou porter des coups à son supérieur, à son collaborateur ou à son subalterne ;

22) commettre des actes de corruption passive ou active ;

23) quitter le territoire national sans avoir l'autorisation de l'autorité habilitée ;

24) violer les mœurs, entretenir le concubinage ou s'adonner à la prostitution ;

25) se livrer à des violences conjugales ;

26) participer ou inciter au désordre, à la désobéissance ou à la rébellion ;

27) perdre une arme ou un poste émetteur-récepteur ;

13) guforera ikirwanisho ku muntu mu gihe c'imitongano ;

14) kuroba canke guhiga ibikoko bitarekuwe n'amategeko ;

15) gutunga ibiyayuramutwe n'ibinyobwa bibujijwe, kubinywa, kubigurisha, kuvyunguruza, kubirima canke kworohereza urudandazwa rwavyo ;

16) kwanka ko abantu barondenwa n'ubutungane basuzumwa canke bakurikiranwa muri sentare akoresheje uburyo bw'ukudindiza ibikorwa ;

17) kugumya, akoresheje akarenganyo, urwandiko rw'uwo atwara rusaba ko ingingo yafatiwe isubirwamwo rugenewe uwumukurira mu kazi ;

18) kunyuruza ibintu vyafashwe ;

19) guta akazi bikamenyekana haciye imisi icumi n'itanu adatonda mu gihe c'amahoro n'imisi indwi ata wuzi iyo ari mu gihe c'intambara ;

20) kugira uruhara mu mihari y'abagumutsi canke mu migumuko y'inzego z'umutekano ;

21) gukubagura, gutera ubwoba, gutuka canke gukubita uwumutwara, uwo bakorana canke uwo atwara ;

22) kwakira canke gutanga igiturire ;

23) kurenga imbibe z'igihugu ata ruhusha ahawe n'umutegetsi abifitiye ububasha ;

24) gutyoza imigenzo myiza y'igihugu, guharika canke kuja mu mwuga w'ubusambanyi ;

25) gukubagura uwo bubakanye ;

26) kugira uruhara canke kwosha abantu guhungabanya umutekano, kugarariza canke kugumuka ;

27) gutakaza ikirwanisho canke iradiyo y'akazi;

28) vendre ou dissiper des armes, munitions, équipements individuels ou collectifs ;

29) refuser de se présenter devant le Conseil de discipline.

28) kugurisha canke kunyuruza ibirwanisho, amasasu, ibikoresho bigenewe umuntu umwe canke benshi ;

29) kwanka kwitaba umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato.

**Paragraphe 2 : Des sanctions disciplinaires**

**Agahimba ka 2 : Ibihano bijanye n'inyifato mbi mu kazi**

**Article 82 :**
La sanction disciplinaire est une mesure consistant à réprimer tout comportement déviant du sous-officier de police en matière de discipline.

**Ingingo ya 82 :**
Igihano kijanye n'inyifato mbi mu kazi ni ingingo ihana Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yigenjeje nabi mu kazi.

**Article 83 :**
Dans l'ordre croissant, les sanctions disciplinaires applicables au sous-officier de police sont :

a) l'avertissement ;

b) le blâme ;

c) Le cachot de un à quinze jours ;

d) le retrait des indemnités de risque pendant un mois au maximum ;

e) la retenue de la moitié du traitement pendant cinq à vingt jours au maximum ;

f) la mise en disponibilité disciplinaire pour six mois au maximum ;

g) la rétrogradation ;

h) la révocation.

**Ingingo ya 83 :**
Uhereye ku gihano gitoyi, ibihano bihabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu kazi bikurikirana gutya :

a) ukumu gabisha ;

b) ukumwihaniza ;

c) ukumupfunga kuva ku musi umwe gushika ku misi icumi n'itanu ;

d) ukumwaka mu kiringo kitarenza ukwezi kumwe uturusho tujanye n'impanuka z'akazi zishobora gushika ;

e) ukumukata ica kabiri c'umushahara uhuye n'imisi iva kuri itanu gushika ku misi itarenga mirongo ibiri;

f) ukumuhagarika mu kazi kubera ukwigenza nabi mu kiringo kitarenza amezi atandatu ;

g) ukumukorora ipete ;

h) ukumwirukana mu kazi.

**Article 84 :**
L'avertissement est la mise en demeure que l'autorité hiérarchique adresse par écrit à un sous-officier de police fautif.

**Ingingo ya 84 :**
Ukugabisha ni uguteguza Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze amakosa ko asubiriye azohanwa, bikagirwa n'uwumutwara biciye mu rwandiko.

Article 85 :
Le blâme est la désapprobation formelle que l'autorité disciplinaire adresse par écrit à un sous-officier de police auteur d'une faute dont la gravité ne justifie pas une sanction de 2ème degré.

Ingingo ya 85 :
Ukwihaniza ni ukunebagura ku munwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze ikosa mu kazi bikagirwa n'uwumutwara, uburemere bw'iryo kos a bukaba butotuma ahabwa igihano co ku rugero rwa kabiri.

Article 86 :
Le cachot consiste, pour un sous-officier de police, en l'obligation d'être gardé pour une durée déterminée dans un local destiné à cette fin.

Cette sanction s'accompagne de la retenue de la moitié du traitement journalier pendant les jours de cachot.

Ingingo ya 86 :
Ugupfunga Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ni ukumwugaranira mu nyubakwa ibigenewe mu kiringo gitomorwa.

Ico gihano kijana n'ugukata ica kabiri c'umushahara wo ku musi ku musi mu kiringo cose amara apfunzwe.

Article 87 :
La retenue de traitement est notifiée au sous-officier de police et ne peut excéder la moitié du traitement mensuel de base.

L'application de cette sanction ne peut avoir, pour le sous-officier de police en cause, aucune autre conséquence pécuniaire que celle fixée à l'alinéa précédent.

Ingingo ya 87 :
Ingingo y'ugukata umushahara iramenyeshwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi kandi amafaranga akatwa ntashobora kurenga ica kabiri c'umushahara mfatirwako ahembwa ku kwezi.

Uguhabwa ico gihano, nta yindi nkurikizi ijanye n'amafaranga bishobora kugira ku Gisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yerekeye, atari ayavugwa mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo.

Article 88 :
La mise en disponibilité disciplinaire a pour conséquence la perte du traitement brut pour une période comprise entre un et six mois. Elle place l'intéressé en position de non-activité de service.

Ingingo ya 88 :
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ahagaritswe mu kazi kubera ukwigenza nabi bifise ingaruka y'uko aca yakwa umushahara wose ata kirawukurwako mu kiringo kiri hagati y'ukwezi kumwe n'amezi atandatu. Ico gihano gituma Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi aba arahagaritswe mu kazi.

Article 89 :
La rétrogradation consiste à ramener un sous-officier de police au grade immédiatement inférieur.

Ingingo ya 89:
Igihano c'ugukorora ipete Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze ikosa gituma aca asubizwa kw'ipete ritoyi rishoka riza musi y'iryo yari agezeko.

Article 90 :
La révocation est l'exclusion définitive du Corps de la Police Nationale entraînant la perte totale des attributs, grades, avantages, indemnités et rémunérations attenants à la qualité de sous-officier de police.

Ingingo ya 90 :
Igihano c'ukwirukana Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi mu kazi ni ic'ukumukura burundu mu Giporisi c'Uburundi bigatuma yakwa ububasha yari yarahawe bwose, amapete, uturusho tujanye n'ivy'imibano, uturusho tujanye n'ivy'akazi n'umushahara bijanye n'ukuba Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi.

**Article 91 :**
Les trois premières sanctions prévues à l'article 83 sont prises par le chef hiérarchique direct.

**Ingingo ya 91 :**
Ibihano bitatu vya mbere bitegekanijwe mungingo ya 83 y'iri bwirizwa bitangwa n'uwutwara Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ku rugero rwa mbere.

**Article 92 :**
La quatrième et la cinquième sanction sont prises par l'autorité de 2ème degré.

**Ingingo ya 92 :**
Igihano ca kane n'ica gatanu bitangwa n'uwutwara Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ku rugero rwa kabiri.

**Article 93 :**
La sixième sanction est prise par l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

**Ingingo ya 93 :**
Igihano ca gatandatu gitangwa n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

**Article 94 :**
Les deux dernières sanctions sont prises par le Ministre ayant la police nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 94 :**
Ibihano bibiri vya nyuma bitangwa n'Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

## Section 2 : De la procédure

## Agace ka 2 : Ingene ibihano bitangwa

**Article 95 :**
La procédure disciplinaire peut courir concomitamment avec la procédure pénale.

Les infractions de droit commun commises par un sous-officier de police sont justiciables devant le Tribunal de Grande Instance.

**Ingingo ya 95 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arakurikiranwa n'amategeko agenga akazi hamwe n'amategeko mpanavyaha.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akoze ivyaha vyo kurenga ku mategeko asanzwe yitwarirwa muri Sentare nkuru y'igihugu.

**Article 96 :**
Sans préjudice du régime disciplinaire propre à la Police Nationale, les sous-officiers de police détachés sont soumis également au régime disciplinaire de l'emploi de détachement.

**Ingingo ya 96 :**
Hatirengagijwe amategeko agenga inyifato mu Giporisi c'Uburundi, Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi bashinzwe ayandi mabanga atari ay'Igiporisi bagengwa n'amategeko agenga Igiporisi n'ayagenga akazi barungitswemwo.

**Article 97 :**
Le sous-officier de police ne peut être sanctionné disciplinairement sans qu'il ait été averti des griefs formulés contre lui et mis à même de présenter sa défense.

**Ingingo ya 97 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ntashobora guhanirwa amakosa y'akazi atabanje kumenyeshwa amakosa yagirizwa kandi atabanje guhabwa akaryo ko kwisigura.

**Article 98 :**
L'action disciplinaire s'exerce indépendamment de l'action judiciaire et vice versa.

**Ingingo ya 98 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ariko arakurikiranwa ku makosa ajanye n'inyifato mu kazi ntibituma akurikiranwa n'ubutungane kandi ni ko kw'uko nyene no mu gihe akurikiranwa n'ubutungane.

Sans préjudice des sanctions pénales, toute faute commise par un sous-officier de police expose ce dernier à une sanction disciplinaire.

**Article 99 :**
Tout sous-officier de police frappé d'une sanction disciplinaire peut introduire par écrit un recours endéans huit jours ouvrables à compter de la date de la notification de la sanction auprès de l'autorité qui a prononcé la sanction qui dispose de huit jours pour réagir.

S'il n'obtient pas satisfaction, il peut introduire par écrit endéans douze jours un recours auprès de l'autorité hiérarchiquement supérieure à celle qui a prononcé la sanction. Cette dernière dispose de 30 jours pour réagir.

**Article 100 :**
Le recours est personnel et non suspensif. Il doit se limiter à l'objet de la sanction et à l'autorité nantie du pouvoir de nomination.

**Article 101 :**
En cas de faute disciplinaire pouvant entraîner une sanction de mise en disponibilité ou de révocation, ou en cas de poursuite pénale donnant lieu à une détention préventive, une décision de suspension par mesure d'ordre est immédiatement prise.

La durée de la suspension par mesure d'ordre ne peut excéder trois mois.

La décision de suspension par mesure d'ordre est prise par le chef hiérarchique direct.

**Article 102 :**
Pendant la période de suspension par mesure d'ordre, un conseil de discipline est mis en place par l'autorité habilitée pour statuer sur le dossier disciplinaire de l'intéressé.

Ikosa ryose Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi akoze rituma ahabwa igihano gitegekanijwe mu mategeko y'akazi, hatirengagijwe ko ashobora guhabwa ibihano bitegekanijwe n'amategeko mpanavyaha.

**Ingingo ya 99 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi wese aronse igihano gitegekanijwe n'amategeko y'akazi arashobora kwandika mu kiringo kitarenga imisi umunani y'akazi kuva kw'igenekerezo yamenyesherejweko ico gihano asaba ko ingingo yafatiwe yosubirwamwo akabishikiriza umutegetsi yamuhanye,na we akaba afise ikiringo c'imisi umunani kugira amwishure.

Iyo uwahawe igihano atanyuzwe n'inyishu yahawe, arashobora kwunguruza akandikira umutegetsi akurira mu kazi uwamuhanye hatarenze imisi icumi n'ibiri. Uwo mutegetsi na we akamwishura mu kiringo kitarenza imisi mirongo itatu.

**Ingingo ya 100 :**
Ukwunguruza bigirwa n'uwo vyega kandi ntibibuza ko igihano kiba kirakurikizwa. Hungururizwa gusa icatumye igihano gitangwa kandi bigashikirizwa umutegetsi afise ububasha bwo kuduza ipete.

**Ingingo ya 101 :**
Mu gihe Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze ikosa ry'akazi rituma ahabwa igihano c'ukuba arahagarikwa mu kazi canke akirukanwa, canke mu gihe ariko akurikiranwa n'ubutungane kugihano gishobora kumupfunga arashobora guhagarikwa mu kazi vy'agateganyo.

Ikiringo amara ahagaritswe mu kazi ntigishobora kurenza amezi atatu.

Ingingo y'uguhagarika Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ubutarariye ifatwa n'uwumutwara ku rugero rwa mbere.

**Ingingo ya 102 :**
Mu kiringo c'ihagarikwa mu kazi, umutegetsi abifitiye ububasha arashiraho umurwi ujejwe itohoza kugira utohoze ku dosiye y'Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi vyerekeye ijanye n'inyifato mbi mu kazi.

La décision du Conseil doit intervenir avant l'expiration des délais de suspension.

Ingingo y'uwo murwi itegerezwa gufatwa imbere yuko ibiringo vy'iryo hagarikwa birangira.

**Article 103 :**
Pendant la période de suspension par mesure d'ordre, le sous-officier de police fautif ne peut percevoir, outre les allocations familiales et l'indemnité de logement, que la moitié de son traitement.

Si durant cette période, le sous-officier de police en détention préventive est mis en liberté, la suspension par mesure d'ordre est levée au cas où aucune sanction disciplinaire n'a été prise contre lui.

**Ingingo ya 103 :**
Muri ico kiringo, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze icaha ashobora guhabwa gusa, uretse akarusho kajanye n'ugushigikira umuryango n'akajanye n'uburaro, ica kabiri c'umushahara.

Iyo muri ico kiringo, Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yahawe umwidegemvyo, ingingo y'uguhagarikwa ubutarariye irakurwaho mu gihe ata kindi gihano na kimwe kijanye n'inyifato mu kazi aba yahawe.

## Section 3 : Du Conseil de discipline

**Article 104 :**
Afin de prévenir l'arbitraire et réprimer l'indiscipline du sous-officier de police, il est créé un organe appelé « Conseil de discipline ».

**Article 105 :**
Le Conseil de discipline est mis en place dans les cas suivants :

1. faute disciplinaire grave pouvant entraîner la mise en disponibilité disciplinaire, la rétrogradation ou la révocation ;
2. détention préventive ;
3. cotation deux fois « insuffisant » ou trois fois « assez bon ».

**Article 106 :**
La composition d'un Conseil de discipline doit tenir compte de la fonction et du grade du sous-officier de police concerné.

Le Conseil de discipline est mis en place par l'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi.

## Agace ka 3 : Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato

**Ingingo ya 104 :**
Kugira ntihagire ingingo zifatwa zitisunze amategeko kandi Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yagize inyifato itabereye ahanwe, harashinzwe Urwego rwiswe "Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato".

**Ingingo ya 105 :**
Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato ugenwa mu bihe bikurikira :

1. Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze amakosa ahambaye ajanye n'inyifato mu kazi ashobora gutuma ahagarikwa mu kazi kubera ukwigenza nabi, akororwa amapete canke yirukanwa ;
2. Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi apfunzwe ivy'agateganyo ;
3. Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yaronse amanota « mabi cane» kabiri canke yaronse incuro zitatu amanota «adashemeye».

**Ingingo ya 106 :**
Mu kugena abagize uwo mugwi hisungwa amabanga Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi vyerekeye ajejwe n'ipete afise.

Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato ushingwa n'Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi.

## Section 4 : Des récompenses

**Article 107 :**
Les récompenses comprennent les gratifications pécuniaires et les distinctions honorifiques.

**Article 108 :**
Le sous-officier de police qui, dans l'exercice de ses fonctions, se distingue particulièrement par son dévouement, sa probité, son objectivité, sa neutralité et qui contribue de manière exemplaire au rendement et à l'efficacité du corps, peut recevoir l'une des récompenses suivantes :

a) lettre de félicitation ;

b) témoignage officiel de satisfaction ;

c) titres honorifiques.

**Article 109 :**
La lettre de félicitation est un écrit du supérieur hiérarchique direct destiné à récompenser un acte important et digne de relief accompli par un sous-officier de police au cours d'une mission ou d'un service donné. Une copie est versée dans son dossier individuel. Il en est tenu compte lors de sa notation.

**Article 110 :**
Le témoignage officiel de satisfaction est un document par lequel les hautes autorités de la République ou de la Police Nationale reconnaissent au sous-officier de police des services exceptionnels, des actes de courage ou de dévouement dont le retentissement est national.

Le témoignage officiel de satisfaction fait l'objet d'une citation à l'ordre du jour au cours d'une cérémonie officielle.

## Agace ka 4 : Ibijanye n'udushimwe

**Ingingo ya 107 :**
Udushimwe tugizwe n'amafaranga y'akoshamusyi n'ibidari vy'iteka.

**Ingingo ya 108 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi, ariko ararangura amabanga yashinzwe, akoze ibidasanzwe akerekana ubwira, adatirimuka kw'ibanga, acisha aho ukuri kuri, ataho ahengamiye kandi yitanga vy'akarorero kugira Igiporisi gishike kw'ihangiro ciyemeje kandi gikore ku buryo bushimishije, arashobora guhabwa agashimwe kamwe muri ubu bukurikira :

a) ikete ry'ukumukeza ;

b) urwandiko rutangazwa kumugaragaro ko Igihugu kinezerejwe n'ingene yakoze ;

c) ibimenyetso biranga abatewe iteka n'igihugu.

**Ingingo ya 109 :**
Ikete ry'ugukeza Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisini urwandiko rw'uwumutwara ku rugero rwa mbere rwo gushima igikorwa gihambaye kandi c'iteka yakoze mu murimo yarungitswemwo canke mu kazi yatumwe. Ikopi yaryo ishirwa mw'idosiye y'ico Gisongerezi. Iryo kete rirafatirwako mu gihe c'ugutanga amanota mu kazi.

**Ingingo ya 110 :**
Urwandiko rutangwa ku mugaragaro ko Igihugu canezerejwe n'ingene Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze ni urwandiko rutangwa n'abategetsi bakuru b'Igihugu canke abo mu Giporisi c'Uburundi bemeza ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoze ibikorwa bidasanzwe, ibikorwa vy'ubutwari canke vy'ubwira vyabaye rurangiranwa mu gihugu.

Urwandiko rutangwa ku mugaragaro ko Igihugu canezerejwe n'ingene Igisongerezi c'Intwazangabo mu Giporisi yakoze rushikirizwa ku musi mukuru w'Igihugu.

**Article 111 :**
Les titres honorifiques sont des distinctions destinées à récompenser un sous-officier de police qui a rendu des services exceptionnels à la nation ou à la communauté Internationale, dans l'exercice d'une fonction publique, de défense ou de sécurité ou dans l'exercice d'une activité privée.

**Article 112 :**
Le sous-officier de police bénéficie de l'Ordre du Mérite Patriotique destiné à récompenser les services accomplis et les actes de bravoure posés.

Les conditions d'octroi des classes composant l'Ordre du Mérite Patriotique sont déterminées par une législation spécifique.

## CHAPITRE IX : DE LA FIN DE CARRIERE ET DE LA SECURITE SOCIALE

### Section 1 : De la fin de carrière

**Article 113 :**
La fin de carrière d'un sous-officier de police s'applique en cas de :

a) démission ;

b) retraite anticipée ;

c) révocation ;

d) réforme pour inaptitude physique ou mentale définitive au service pour cause de maladie ou d'infirmité ;

e) décès ;

f) mise à la retraite par limite d'âge.

**Ingingo ya 111 :**
Ibimenyetso biranga abatewe iteka n'Igihugu ni ibimenyetso bigenewe gushimira Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakoreye Igihugu canke amakungu ibikorwa bidasanzwe, ariko ararangura umurimo wa Reta, umurimo w'ukwivuna abansi canke ariko arabungabunga umutekano canke ariko arakora ibindi bikorwa vyiwe.

**Ingingo ya 112 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arambikwa ikidari c'ukwitangira Igihugu mu kumushimira ku bikorwa yaranguye n'ibikorwa vy'ubutwari yakoze.

Ibisabwa mu gushira mu migwi abahabwa ibidari vy'ukwitangira Igihugu bitomorwa n'itegeko rivyerekeye.

## IGICE CA IX : IVYEREKEYE UKURANGIZA AKAZI BURUNDU N'UGUTEGEKANIRIZA KAZOZA IGISONGEREZI C'INTWAZANGABO MU GIPOLISI

### Agace ka 1 : Ibijanye n'ukurangiza akazi

**Ingingo ya 113 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi c'Uburundi arangiza akazi burundu mu bihe bikurikira :

a) atanze imihoho ;

b) akukurutse atarakwiza imyaka ;

c) yirukanywe mu kazi ;

d) akuwe mu kazi hemejwe ko atagishoboye akazi burundu bivuye ku magara make canke ubumuga bwo mu mutwe biturutse ku ndwara canke ku bumuga ;

e) apfuye ;

f) akukurutse kubera akwije imyaka.

**Article 114 :**

L'Inspecteur Général de la Police Nationale du Burundi prend l'initiative de saisir le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions lequel requiert le Ministre ayant la santé publique dans ses attributions pour désigner une commission médicale, en vue de faire constater l'inaptitude physique ou mentale d'un sous-officier de police.

Si l'inaptitude physique ou mentale est constatée, une décision de réformer le sous-officier de police concerné est prise par le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Article 115 :**

La démission d'un sous-officier de police ne peut résulter que d'une demande écrite de celui-ci marquant sa volonté de quitter définitivement le service. Pour être effective, la démission doit être préalablement acceptée.

**Article 116 :**

Une décision de révocation d'un sous-officier de police peut être prononcée lorsque :

a) il est constaté une faute disciplinaire grave tel que prévu par l'article 81 de la présente loi ;

b) il ne reprend pas son service à l'expiration de la période de la sanction, du congé, de détachement et de disponibilité pour convenance personnelle ;

c) il apparaît qu'au moment de son recrutement, le sous-officier de police a produit de fausses déclarations faisant croire à l'existence d'aptitudes ou des titres qu'il ne possédait pas, dans ce cas, les faits sont dénoncés à l'autorité judiciaire compétente aux fins de poursuites judiciaires ;

d) il est constaté qu'il n'a pas la nationalité burundaise ou acquiert une autre nationalité ;

e) il abandonne ses fonctions avant d'avoir obtenu sa mise en disponibilité ou sa démission ;

**Ingingo ya 114 :**

Umugenduzi mukuru w'Igiporisi c'Uburundi arasaba Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi ko yosaba Umushikiranganji ajejwe amagara y'abantu ngo ashinge umugwi w'abaganga kugira wemeze ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi kanaka atagishoboye akazi kubera amagara make canke ubumuga bwo mu mutwe.

Iyo bigaragaye ko ico Gisongerezi atagishoboye akazi kubera amagara make canke ubumuga bwo mu mutwe, Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi arafata ingingo y'ukumukura mu kazi.

**Ingingo ya 115 :**

Bifatwa ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yatanze imihoho ari uko yabisavye biciye mu rwandiko rumenyesha ko ashaka guheba akazi burundu. Kugira bije mu ngiro abanza kuvyemererwa.

**Ingingo ya 116 :**

Ingingo y'ukwirukana Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ifatwa mu gihe :

a) bigaragaye ko yakoze ikosa rihambaye mu kazi rijanye n'inyifato riri mu yategekanijwe mu ngingo ya 81 y'iri bwirizwa ;

b) adasubiye ku kazi harangiye ikiringo c'igihano, ic'akaruhuko, ic'ugushingwa ayandi mabanga atari ay'Igiporisi n'ic'uguhagarika akazi ariwe yari yavyisabiye ;

c) vyibonekeje ko igihe yinjizwa mu kazi yashikirije inzandiko atari iz'ukuri zigatuma afatwa ko abishoboye canke akaba yashikirije impapuro zerekana amashure yize atari vyo.

Muri ico gihe, amakosa yakozwe amenyeshwa sentare ibifitiye ububasha kugira imukurikirane ;

d) bigaragaye ko ata bwenegihugu bw'Umurundi afise canke aronse ubundi bwenegihugu ;

e) ahagaritse akazi atararonka uruhusha rumwemerera kuba aragahagaritse canke aratanze imihoho ;

f) il est condamné à une peine de servitude pénale d'au moins six mois ou à plusieurs peines de servitude pénale dont le total est supérieur à douze mois.

f) ahanishijwe umunyororo w'amezi atandatu n'imiburiburi canke ibihano vy'ugupfungwa vyinshi, biteranijwe bikarenza amezi icumi n'abiri.

**Article 117 :**
Le sous-officier de police ne peut être révoqué qu'à l'issue d'une procédure disciplinaire impliquant notamment sa comparution devant le Conseil de discipline.

**Ingingo ya 117 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi ashobora gusa kwirukanwa mu kazi ari uko habanje gukurikizwa intambwe zisungwa mu guhana amakosa y'akazi no kumurengukisha imbere y'Umugwi ujejwe ivyerekeye inyifato.

**Article 118 :**
L'âge limite du sous-officier de police en service actif est fixé à 50 ans révolus.

Une prolongation de carrière de deux ans renouvelable une fois peut être accordée sur demande du sous-officier de police.

La mise à la retraite est publiée par le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 118 :**
Imyaka Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi atarenza ari mu kazi ni 50 yuzuye.

Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arashobora kwongerwa imyaka ibiri y'akazi ishobora kwisubiriza rimwe gusa avyisabiye.

Umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi ni we atangaza ko Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi yakukurutse.

**Article 119 :**
Le sous-officier de police qui justifie de quinze ans de service actif peut, sur sa demande, être mis à la retraite anticipée. La décision est prise par le Ministre ayant la Police Nationale dans ses attributions.

**Ingingo ya 119 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi amaze imyaka icumi n'itanu mu kazi arashobora gusaba gukukuruka atarashikana imyaka itegekanijwe. Ingingo y'ukumwemerera gukukuruka ifatwa n'umushikiranganji ajejwe Igiporisi c'Uburundi.

**Section 2 : De la sécurité sociale**

**Agace ka 2 : Ugutegekaniriza kazoza Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi**

**Article 120 :**
Les sous-officiers de police sont affiliés à l'Institut National de Sécurité Sociale et à la Mutuelle de la Fonction Publique par l'employeur et sont classés parmi les assurés travaillant dans des conditions dures et pénibles comportant beaucoup de risques suivant les dispositions du Code de Protection Sociale.

Les sous-officiers de police peuvent adhérer à d'autres institutions de Sécurité Sociale.

**Ingingo ya 120 :**
Umukoresha w'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi niwe abategekaniriza kazoza mw'Ishirahamwe INSS akongera akabavuza mw'Ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta kandi bagashirwa mu mugwi w'abanywanyi bakora akazi kagoye kandi gashobora gutera impanuka nyinshi hisunzwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko agenga ivyerekeye ugutegekaniriza kazoza abakozi.

Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi barashobora kwinjira mu yandi mashirahamwe ajejwe gutegekaniriza kazoza abakozi.

**Article 121 :**
Le sous-officier de police en position de fin de carrière a droit à la pension de retraite.

**Article 122 :**
Les pensions et rentes des sous-officiers de la police Nationale sont liquidées conformément aux dispositions du régime de sécurité sociale en vigueur au Burundi.

## CHAPITRE X : DES DISPOSITIONS FINALES

**Article 123 :**
A la promulgation de la présente loi, les grades des sous-officiers de police sont harmonisés conformément à la nomenclature des grades prévus à l'article 43 de la présente loi.

**Article 124 :**
Toutes dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

**Article 125 :**
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

**Fait à Gitega, le 17 janvier 2022**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,**

**LE MINISTRE DE LA JUSTICE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**

**Ingingo ya 121 :**
Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi arangije akazi arafise uburenganzira bw'ukuronswa impamba ija irahabwa abakukurutse.

**Ingingo ya 122 :**
Impamba ija irahabwa Igisongerezi c'Intwazangabo mu Gipolisi bakukurutse n'iyija irahabwa abasigwa babo zitangwa hisunzwe ibitegekanijwe mu mategeko agenga ugutegekaniriza kazoza abakozi asanzwe akurikizwa mu Burundi.

## IGICE CA X : INGINGO ZISOZERA

**Ingingo ya 123 :**
Iri bwirizwa rimaze gutangazwa, amapete y'Ibisongerezi vy'Intwazangabo mu Gipolisi aca aroranishwa hisunzwe uko amapete ategekanijwe mu ngingo ya 43 y'iri bwirizwa.

**Ingingo ya 124 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirafuswe.

**Ingingo ya 125 :**
Iri bwirizwa ritangura gukurikizwa kuva umusi ritangarijweko.

**Bigiriwe i Gitega ku wa 17 Nzero 2022**

**NDAYISHIMIYE Evariste.-**

**KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU**

**BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,**

**UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,**

**Domine BANYANKIMBONA.**